# Ishashara Rya Mbere

Jeffersonville, Indiana, USA

18 Ntwarante 1963

1 Ubu rero twunamike imitwe kugira ngo dusenge. Data wa twese womw'Ijuru, turagushimiye kuri uno mugoroba kubwa kano kanya turonse kugirango tuze kugusenga. Turagushimiye ko tukiri bazima no kuba dufise ukuguhishurirwa kwiza kw'Ubugingo budashira bubana na twe. Turaje kuri unomugoroba, Data, kugira ngo twigire hamwe Ijambo ryawe, ayo mabangaahambaye yari yarahishijwe kuva isi ikiremwa kandi wa Mwagazi w'Intama niWe wenyene ashoboye kuyaduhishurira. Ndasavye ngo Aze hagati yacu kuriuno mugoroba, Afate Ijambo ryiwe ace ariduhishurira kugira ngo dushoborekumenya ukuntu twomubera abakozi beza cane muri bino bihe vy'iherezo. EweMana yacu ! Ko tubona yuko tugeze mu gihe c'iherezo, ni udufashe kugira ngotumenye ikibanza cacu, Mwami, tumenye intege nke zacu tugire n'icemezoc'Ukuza kw'Umwami kwegereje. Tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.2. Nibaza ko ari Dawidi yavuga ati : « Naranezerewe hamwe bambwira bati,Tuje mu Ngoro y'Uhoraho !». Kuza hano vyama ari amahirwe menshi : kwigirahamwe Ijambo bituma turonka vya vyizigiro bidasanzwe.

2 Hariho abantu benshi bahagaze ; ndaja kunyarutsa rwose uko nshoboye.Ndazi neza ko twafatanije gushima ukuntu Mpwemu Yera yabaye hano mu gihec'ibikorane biheruka [Ikoraniro riciye rivuga riti : “Amen”— Umw]. Uno musi nashikiwe n'ikintu kimwe kitari bwigere kinshikira mu gihe nariko ndiga ivy'uku guhishurwa, Ivy'uku kwugururwa kw'Amashashara. Haciye imyaka itari mike (nibaza ko ari nk'imyaka mirongo ibiri)ndabivuzeko hano, ariko sinigeze numva ko binyuze rwose. Vyasa n'uko harihoikindi kintu, na cane cane mu Bimatanije ca Gitabo, kuko ivyo Bimatanije nivyo bigize ca Gitabo cose. Ni Igitabo. Ico Gitabo cose ni Igitabo kimatanishijeudushashara kikadomwako ikimenyetso. Bitangura...

3 Nkoresheje akarorero, ngira ndabereke ico ngomba kuvuga [Mwene DataBranham aciye afata impapuro kugira ngo yerekane ingene bazinga umuzingobakawudomako ikimenyetso - U ] ngomba kubereka ivyo nshaka kuvuga. Ng'ikikimwe kimatanije igitabo. Ehe Ikimatanije Igitabo kimwe. Uku ni kwobakizinga. Bakizinga muri buno buryo maze aha ku gasunwa kaco hariho agacegato karengako nka kuno. Iki kikaba ari ica mbere kimatanije igitabo, ni igice cambere c'igitabo. Hanyuma igikurikira mu bimatanije igitabo uku ni kwo kizinzwe, gihereranye neza n'ikindi, kandi aha naho hariho akandi gasunwakarengako. Ubu rero dufise Ibimatanije Igitabo bibiri. Kandi uko ni ko Bibiliyayose yanditswe : Mu buryo bw'umuzingo. Gurtyo rero, twuguruye ibimatanjeiki gitabo, tuba dushize ahabona amabanga y'iki gitabo.

4 Mwarize ukuntu Yeremiya yavyanditse ? Abenshi muri mwebwe baranditseivyavuzwe ejo ku mugoroba. Ivyo bimatanije vyanditswe mu buryo ki kandivyabitswe gute kugeza imyaka mirogo irindwi yo kuba inyagano ishize ? Yaciyeagaruka yishuza ivyiwe. Kandi nshimye kuvuga ibi : Ntibishoboka ko vyovugwavyose kuko ivyo ni Ijambo rihoraho. Ni Igitabo gihoraho. Ni co gituma dutegerezwa kugarukiriza ku mirongo ya nkenerwa. Mu kwigaivyo bintu uno musi, nanditse ahantu henshi ho mu vyanditswe kugira ngomushobore kuvyiyigira ubwanyu. N'amakaseti nyene azobamenyesha ibintuvyinshi igihe muzoba muriko muravyiga.

5 Harimwo ibintu vyinshi ! Iyo mba nari nshoboye guhishura ivyo bintu vyosendi aha havugirwa ubutumwa nk'uko nabihishuriwe ndi mu cumba canje, ohbene Data, vyoba ari igitangaza! Ariko iyo turi hano tuba twihutakubw'umwanya, ari na co gituma dutegerezwa gusimba ibintu bitari bike,tugakora uko dushoboye kwose kugira ngo dupfume tubashikiriza bikuru -bikuru, kugira ngo mushobore kubibona.

6 Ndakunda cane iyi ndirimbo mwene Data Ungreen ahejeje kuririmba, ivugango : « Yamanutse ava mu Bwiza bwiwe. » Iyo ataja kumanuka avuye muBwiza bwiwe, kuri uno mugoroba twari kuba turi hehe ? Ni co gitumatumukengurukira kuba yaramanutse kudufasha.

7 Ubu rero, ko benshi bahaze, turaja kunyarutsa uko bishoboka kwose.Simvuze ko ivyo bintu tuja kuvyiga igihutihuti, ariko turaja gutangura n'ingogana n'ingoga uko bishoboka kwose.

Twaramaze kubona Igice ca mbere, ca kabiri, ca gatatu, ca kane hanyumaejo ku mugoroba naho twabonye Igice ca gatanu. Kuri uno mugoroba, turajagutangura igice ca gatandatu c'Ivyahishuriwe Yohana. Mu kwiga ico gicetuzoguma twisunga imirongo itandukanye yo mw'Isezerano rya Kera naRishasha kuko ico Gitabo cose ni Uguhishurwa kwa Yesu Kristo. NiUguhishurwa kwose kw'Umwami Yesu, Uguhishurwa kwa Yesu Kristo. Imanani Yo yihishura muri iki Gitabo, yihishurira muri Kristo. Kristo niUguhishurwa kw'Imana. Yaje azanywe no guhishura Imana kuko Wen'Imana ni ikintu kimwe gusa. Imana yari muri Kristo, yiyuzuza n'abarimw'isi. Mu yindi mvugo ntimwokwigeze mumenya Imana iyo ari Yo iyo Itihishuriraubwayo muri Kristo ; aho rero ni ho mushobora kuyibona. Haraciye imyaka itari mike nahora nibaza ko nkumbure Imana yoba yariindakiye ariko Kristo We akaba yarankunda. Ariko naje gusanga bompi ariUmwe. Mbere Kristo ni We umutima w'Imana.

8 bice bitatu vya mbere vy'Ivyahishuriwe Yohana twize neza dushimitse, niIbihevy'Ishengero, Ibihe ndwi vy'Ishengero. Hariho ibihe ndwi vy'Ishengero, bimwendwi bimatanije ca Gitabo, Inzamba ndwi, Inzavya ndwi, impwemu ndwizihumanye zisa n'ibikere ; ivyo vyose birajana. Oh! Mbega ukuntu noshimakuba mfise ikibaho kinini kugira ngo ncapure ivyo bintu vyose nk'ukondabibona, nkerekana uko

ikintu cose kija mu kibanza caco. Nabicapuye kugapapuro kandi kugeza ubu vyose biratunganye neza. Imyaka n'ibihe vyarajebirarengana, kandi ivyo vyose bifataniye hamwe neza. Nkumbure ko atari kobiri koko, ariko uko ni ko ndabizi. Ndazi ko ndamutse nkoze ikosa ku bwokugerageza uko nshoboye, nta nkeka ko Imana izobabarira iryo kosa, ni nabanihenze.

9 None rero ivyo bice bitatu vya mbere ni Ibihe ndwi vy'Ishengero ; mu giceca 4 turabona ko Yohana yadugijwe mw'ijuru. Nta bintu bikomeye bivugwa kuvyerekeye ibihe vy'Ishengero. Aho ni ho niyumvira ko abantu bazotangaracane ! Bo bashira Ishengero muri birya bintu bizoshika, muri vya vyago. Kandink'uko nabivuze ejo ku w'iyinga, vya vyago bizotangura ni ho muzocamwibaza rero igituma ukuza kwa mbere kutabaye. Ariko Izamurwa rizobaryaramaze kuba : rizoba ryarashitse yamara ntimuzoba mwabimenye!

Nta masezerano menshi iri shengero ryasezeraniwe, iri Shengerory'abanyamahanga, ari ryo Mugeni.

10 Ariko nashaka ko mutahura neza ko hariho ishengero hakabaho n'Umugeni.Mutegerezwa kwama muzi ko ibintu bijana ari bitatu (igitigiri « kane » co ntacokirimwo). Gatatu, indwi, icumi, cumi na kabiri, mirongo ibiri na kane, mirongoine na mirongo itanu : ni ibitigiri bifise ico bisigura. Imana irongora Ubutumwabwayo ikoresheje ibitigiri vyo muri Bibiliya, muri ivyo bitigiri. Mubonye ikintukidahuje n'igitigiri na kimwe co muri vyo, murace muhabera maso kukontibizoba bikiri ivy'ukuri : mutegerezwa guca musubira aho mwatanguriye.

11 Igihe kimwe twari turiko tuvugana na mwene Data Lee Vayle (ndibaza koari hano) ku kibazo co kuva mu nzira nziza ; ni nk'iyo uriko urarasa kugira ngougeme, mu gihe umunwa w'inkoho utanyiganze, nturabe ahandi kandi ukabautumbereye neza, itegerezwa kugema, kiretse umunwa wayo unyiganze ukarabaahandi, canke ngo habeho umuyaga uhuhuta. Aho woba wahagaze uraba hosehariho ikintu kimwe gusa wokora ni waba ushaka kugema : ni ugusubira inyumaaho watereye inzira ugaca wongera gutangura. Atari uko, ntushobora kugema.

12 Nibaza ko ari uko nyene dukwiye kwiga Ivyanditswe. Dutanguye kuvugaikintu kanaka ariko ntihagire ikintu c'ukuri kivamwo, ni ukuvuga ko ari ahantutwihenze. Dukwiye rero guca tugaruka aho twahereye. Ntimuzokwigeramutahura n'ikintu na kimwe kuri ivyo bintu kubwo ivyiyumviro vyanyu. Biciyemu Vyanditswe, duhejeje kubona ko ata muntu n'umwe yari ari mw'Ijuru,kw'isi canke i kuzimu yigeze canke azokwigera ashobora kubikora. WaMwagazi w'Intama ni We wenyene ashoboye kubikora. Ni co gituma insigurozo muri za Seminari uko zoba zimeze kwose ataco zimaze. Bikwiye koUmwagazi w'Intama ari we abihishura. Nta kindi. Ni co gituma twizigiyetudakekeranya ko ari We azodufasha.

13 Ku gice kigira 4, Yohana yaciye azamurwa mw'Ijuru kugira ngo aboneibintu vyabayeho, ibiriho bo n'ibizoba. Ariko ku gice ca 4 Ishengero ribarisozerewe; Kristo aca azamura Ishengero ; rica rijanwa mu bicukumusanganira kandi ntiryongera kugaragara imbere y'Igice ca 19, ahoagarukana n'Ishengero ryiwe ari Umwami w'abami n'Uganza abaganza.Ndizera ko umusi umwe, imbere y'Ukuza kwiwe, tuzoshobora kubinoganzarwose ; atari uko — uko biri kwose tuzobibona ; gurtyo rero ivyo nta cobitwaye.

14 Mu gice ca 6 niho Ibimatanije ca Gitabo vyugururirwa. Turabanza dusomeica mbere kimatanije ca Gitabo. Kugira ngo dushireho urufatiro rwiza, rekadusubiremwo ivyo twavuze ejo ku mugoroba . Yohana yararavye abona ko icoGitabo cari kikiri mu maboko ya Nyene co w'inkomoko, ari we Mana. Mbegamuribuka ukuntu ico cari catakaye ? Cari catawe na Adamu. Yahevye Igitaboc'Ubugingo ahitamwo ubumenyi bwa Satani maze ivyo bica bituma atakazaumugabane wiwe. Yaciye atakaza vyose kandi nta bundi buryo bwari burihobwo gucungurwa.

Maze rero, Imana imaze kwiyambika ishusho y'umuntu, Yaciye imanuka ibaUmucunguzi wacu kugira ngo iducungure. Ubu rero turabona ko ivyo bintuvyari vyaragizwe ibanga mu bihe vyarenganye bitegerezwa guhishurwatukabibona muri iyi misi ya nyuma.

15 Kandi twarabonye yuko Yohana acumva ijwi rimubwira ko Umucunguzi womu muryango wo hafi agiye kwegereza kugira ngo akomoze ivyiwe, ata muntun'umwe yari ashoboye kubikora. Haba mw'Ijuru, haba kw'isi canke i kuzimu,nta n'umwe yari abereye no kuraba ico Gitabo. Ni muvyibazeko ! Nta muntun'umwe yabonetse ko abereye no kuraba gusa ico Gitabo. Maze Yohana acaatangura kurira.24. Yaciye atahuye ko ata buryo na bumwe bwo gucungurwa bwari buhari.Vyose vyari bigiye guhona, ariko turabona ko mu kanya amarira yiwe yaciyeahagarara bidatevye kuko umwe muri ba bakuru mirongo ibiri na bane yaciye amubarira ati : « Nta co urira, Yohana, kuko Intambwe yo mu muryango wa Yuda yaranesheje kandi aratsinda ».

16 Yohana ahindukiye, yaciye abona Umwagazi w'Intama wegereza.Utegerezwa kuba wari wuzuyeko amaraso, warashishaguwe ugakomeretswa.Wari warakerewe. Umwagazi w'Intama wari warakerewe kandi ukaba mubisanzwe wari ucuzuyeko amaraso. Ni nk'uko mwoba mwakereye umwagaziw'intama mukawica. Uko ni ko Uwo Mwagazi w'Intama wari umeze :wakererewe ku musaraba, bamucumita icumu mu rubavu, bamutera imisumarimu biganza no ku birenge, batabagurisha amahwa uruhanga rwiwe. Yari ateyeagahinda. Maze uwo Mwagazi w'Intama waciye useruka uca wegera IyariIvyagiye kuri ya Ntebe kandi yari ifise rwa rwandiko rukwiye rwerekanauwufise uburenganzira bwo gucungura; uwo Mwagazi w'

Intama uca ujakwabira ico Gitabo ugikura mu kuboko kw'Iyari Ivyagiye kuri ya Ntebe ;uracakira, uca umena ibikimatanije ubona kuzingurura ico Gitabo.

Ivyo bishitse, twaratahuye ko hariho ikintu ciza cane kirinda kuba carabayemw'Ijuru kuko ba bakuru mirongo ibiri na bane, vya binyabugingo, n'ibirimw'Ijuru vyose vyaciye bitangura gusemerera biti : « Birakubereye ! » Mazehaca haza abamarayika basuka inzavya zuzuye amasengesho y'abera. Aberabari musi y'igicaniro baciye basemerera rero bati : « Birakubereye, Ewe waMwagazi w'Intama, kuko waducunguye, kandi ukaba waratugize abamin'abaherezi none tukazoganza isi.» Oh, bene Data, ico ni co cashitse igihe yariazinguruye ico Gitabo.

17 Murabona, umugambi w'ico Gitabo washizweho isi itararemwa. Ico Gitabo,ari co Bibiliya, mu vyukuri canditswe isi itarabaho. Kandi Kristo na we,nk'Umwagazi w'Intama, wakerewe isi itararemwa. Kandi n'amazinay'abari mu Mugeni wiwe yanditswe mu Gitabo cUbungingo c'Umwagaziw'Intama isi itarabaho ; ariko ico Gitabo cari caramatanishijwe ishashara !Yamara ubu, kiriko kirahishurwa bo n'amazina y'abari baracanditswemwo,n'ibindi vyose bijanye na co. Mbega ukuntu ari ivy'ubwiza! Yohana abonyeivyo yaciye avuga ko ivyari biri mw'Ijuru vyose, ivyari biri i kuzimu vyose,vyaciye bimwumva avuga ati : « Amen ! Ishimwe n'icubahiro » ! Kuri we kariakanya keza cane, kuko uwo Mwagazi w'Intama yari abibereye!

18 Ubu, mu gihe dutanguye igice ca 6, kuri uno mugoroba uwo Mwagaziw'Intama ari hano. Afise ico Gitabo mu kuboko kwiwe kandi agiye gutangurakugihishura ; ndizigira ko muri aba Mpwemu. Nari kuba nakoze ikosa riteyeubwoba kuri vyo, uno musi nk'isaha zitandatu, iyo Mpwemu Yera ataba yaje mucumba canje ngo akosore ku kintu c'ivyo nariko ndandika vyo mu butumwabwo kuri uno mugoroba.

Nari ndiko ndakura ivyo mvuga mu vyo nari naranditse kera. Nta co narimfise mvuga kuri iki cirwa. Mbere nta kintu na kimwe nzi ku ca kabiri kimatanije ca Gitabo, ariko ndafise ivyo nanditse mu myaka ishize. Narinegeranije ivyo nari nanditse ndabikuye mu gitabo c'umwigisha Smith n'abandibahanga b'incabwenge bakomeye bizera ivyo bintu, ni co catumyendavyandika. Nibwira nti : « Na none, ngira ndavyige mfatiye kuri ibivyiyumviro ». Ariko hageze nko kw'isaha ya gatandatu, Mpwemu Yera yaciyeamanuka buhoro buhoro mu cumba anyereka vyose maze ica mbere kimatanijeca Gitabo kiba kiruguruwe.

19 Nk'uko bigaragara yuko mpagaze hano kuri uno mugoroba, ni ko n'ivyongira ndabereke ari ukuri kw'Ubutumwa Bwiza. Ndabizi! Kuko iyouguhishurirwa kunyuranye n'Ijambo, ntikuba ari uguhishurirwa. Kandi muraziko hariho ibintu bishobora gusa n'ukuri rwose yamara kandi atari ukuri.Birasusa ariko ntibisa.

20 Ubu rero turabona ko uwo Mwagazi afise Igitabo kandi mu Gice ca 6dusoma duti :« Mbona Umwagazi w'Intama amena kamwe muri twa dushashara ndwitumatanije ca Gitabo : numva kimwe muri vya binyabugingo bine kivugank'ijwi ry'inkuba, kiti. Mbona ifarasi y'igitare, kand'uyicayeko yariafise umuheto, ahabwa igitsibo, agenda anesha, kandi ngo yameanesha.»

21 Iki ni co ca mbere kimatanije ca Gitabo, ico tuja kugerageza gusigura kuriuno mugoroba kubw'ubuntu bw'Imana. Turaja kubikora uko dushoboye kwose,ariko ndabonye neza ko umuntu agerageza kubisigura aba ariko agenderaahanyerera iyo atazi ico ariko arakora.

Ni co gituma ivyo ni vyanzako bivuye ku guhishurirwa nzobibabwira. Nivyaba bivuye mu vyiyumviro vyanje bwite nzobibabwira mbifoboye imberey'uko ndabivugako. Ariko nk'uko ndi imbere yanyu, kuri uno mugoroba ni koivyo uno musi nabihishuriwe ndabihawe n'Ishobora vyose. Simpora nkundakuvuga ibintu nk'ivyo iyo vyerekeye aha hantu ho mu Vyanditswe. Ndibaza komutahuye ico nshatse kuvuga.

Ntimushobora kuvuga ibintu bitegerezwa kuba biri muri co imbere yukobishika. Ntimushobora kubivuga ata kintu kirabishiraho, murabona? Mbegamuriko murasoma? Mbega hari ikintu muriko murumviriza?

22 Ico Gitabo kizinze kandi kikaba kimatanishijwe udushashara ndwitudomyeko ikimenyetso ubu kiriko kirazingururwa na wa Mwagazi w'Intama.Ivyo ni vyo twegereye kuri uno mugoroba. Imana idufashe ! Mu giheIbimatanije ca Gitabo biriko biramenagurwa, ico Gitabo kikazingururwa,amabanga y'ico Gitabo yariko arahishurwa. Murabona ko ico Gitabo cari Igitabokimatanishijwe udushashara. Turavyizera, none si ko biri? Twizera ko ariIgitabo kimatanishijwe udushashara. Ubwa mbere ntavyo twari tuzi, ariko uko ni ko biri. Kimatanishijwe udushashara ndwi tudomyeko ikimenyetso. Ni ukuvugako inyuma haco hamatanishije udushashara indwi tudomyeko ikimenyetso.

23 Iyo kiba ari Igitabo gisa n'ibitabo vyacu vya none, ni nk'uko twocugazautugozi indwi. Ariko ico Gitabo si mwen'ibi : ni umuzingo. Ubwo reroumuzingo umwe muri iyo mizingo iyo uzinguruwe gica kiba kimwe ; imberemuri uwo muzingo haba harimwo ikigira kabiri canditswemwo ibikigize, arikoni ibanga. Twaragerageje cane kugisesangura, ariko ni mwibuke kw'ico Gitabokimatanishijwe udushashara : Ni Igitabo c'ibanga n'uguhishurirwa. Niuguhishura kwa Yesu Kristo, ni Igitabo co guhishurirwa. Yamara murazi koabantu bagisesanguye ukw'imyaka yose yagiye ikurikirana kandi bakababarageragejе kugitahura. Twarabikoze !

24 Ivyo binyibutsa ivyo umushingantahe Bohannon, (mu gihe we canke uwomu muryango wiwe yoba ari

hano, mvugishije ukuri yuko ata ntumbero yokumutuka mfise). Ni umugenzi nkunda cane. Muri ico gihe ni we yari umukuruw'akazi mu bikorwa vya Leta vy'aho nakora. Amaze gukizwa naciyendamusaba gusoma Ivyahishuriwe Yohana. Umushingantahe Bohannon, yariumuntu ameze neza, yari umunyeshengero, ariko yaciye anyishuraati : « Naragerageje gusoma ivyo bintu, ariko ndibaza ko kuri uwo mugoroba iyoNtumwa Yohana itegerezwa kuba yari yariye agapiripiri hanyuma ija kuryamayahimvye ».

25 Naho ivyo vyari gushobora kunkuza mu kazi naramwishuye nti : « Nta soniufise zo kuvuga gurtyo kw'Ijambo ry'Imana ? » Yamara nari nkiri umusoreatarenza imyaka mirongo ibiri n'umwe, akazi kari kagoye kuronka kandi twarimu bukene budasanzwe. Ariko naraterwa ubwoba no kwumva Ijambo ry'Imanaritutswe. Ryo ni Ukuri, Ukuri kwose!

Ntikwari ukurota canke ngo kube ukurazirana! Ivyo ntabwo vyari vyaturutseku vyo Yohana yari yariye. Yari ari ku kizinga ca Patimo kuko yari arikoaragerageza gufata Ijambo ry'Imana ngo aryandike mu Gitabo kandi akaba yariyomoreweyo n'ubutegetsi bw'i Roma ; yari ku kizinga ku musi w'Uhorahomaze aca yumva inyuma yiwe ijwi rimeze nk'ijwi ryo gusuma kw'amazimenshi ; maze arahindukira kuraba aca abona ibiterekwako amatara ndwivy'izahabu; hagati yavyo hari hahagaze Umwana w'Imana.

26 Muri ico Gitabo harimwo uguhishura ; uguhishura ni ikintu kimenyeshwaku vyerekeye ikintu kanaka, ni ikintu kiba cahishuwe. Ubu rero ni mubimenyeneza kugira ngo ntimuvyibagire : kirugaye gushitsa mu bihe vy'iherezo. Ibangaryaco riranyegejwe kugeza mu gihe c'iherezo; ivyo tubisanga hano muVyanditswe.

27 Gurtyo rero amabanga y'ico Gitabo ahishurwa iyo Ibikimatanijebimenaguwe. Kandi Ivyo Bimatanije Igitabo bimaze kumenwa vyose, igihe c'ugucungura kiba kirangiye, kuko wa Mwagazi w'Intama Uca ava aho wahorauri utuvugira kugira ngo uje kwegukira ivyawo. Hagati aho, aba ari Umuhuza,ariko mu gihe uguhishurwa nyakuri kw'Ibimatanije ca Gitabo kuriko kuraba,bigatangura kumenagurwa, Wa Mwagazi w'Intama aba ariko arasohoka avaAhera. Ivyo bihuye n'Ijambo, twarabisomye ejo ku mugoroba. Yaciye Aza mazeafata ca Gitabo. Gurtyo rero ntaba akiri Umuhuza kuko yiswe Intambwe,bisobanurwa ngo Umwami, kandi Ico gihe ntaba akiri umuhuza.

28 Naho abo bakinyi b'isinema yo muri ivyo Bimatanije ca Gitabo batanguragukora mu gihe ca mbere c'Ishengero… Ni muvyibuke, kugira ngo mushoboregutahura rwose insobanuro yavyo yo kw'itsitso. Abakinyi b'isinema… ndabitagurtyo kuko umukinyi w'isinema ni umuntu aguma ahindagura ishusho.

Mu gikino c'isinema kiza gukinwa kuri uno mugoroba turaza kubona ukuntuSatani ahindagura ishusho yiwe. Kandi abakinyi bose b'isinema… Kristo na weYarakoze ico gikorwa ciwe hamwe yasiga ishusho yiwe ya Mpwemuakiyambika iy'umubiri. Yaciye rero yambara umwambaro wiwe urangaigikorwa agiye kwinjiramwo ( umubiri w'umuntu) maze aca aramanukamw'ishusho y'umuntu kugira ngo ashobore kuba Umucunguzi wo mumuryango wo hafi.

29 Murabona, bimeze nk'abakinyi b'amasinema; ni co gituma vyose bitangwamu migani maze abakinyi bakerekanwa ari ibinyabugingo, ibikoko n'ibindi. Niikigereranyo. Kandi abo bakinyi batangura ku gihe ca mbere c'Ishengero.Murabitahura ? Neza cane! Ni Kristo ariko yihishura mu bihe ndwivy'Ishengero. Hanyuma uko ibihe vyagiye bikurikirana hadutse urwijiji rwinshi.Hanyuma, kw'iherezo ry'Ibihe vy'Ishengero, ubutumwa bw'umumarayikaw'indwi butegerezwa kwegeraniriza hamwe ayo mabanga yari yaratawe mazebugaca buyashikiriza Ishengero. Ico ni co tuzobona.

30 Ariko ntiyari bwahishurwe nk'uko ari. Mu gihe ca Bibiliya ayo mabanga niho yari ari kandi abantu babonye ivyo bintu bishika nk'uko nyene Yohanayabibonye hano. Gurtyo rero iyo avuze ati : « Hariho uwugendera kw'ifarasiy'igitare… » Hariho ibanga ku vyerekeye uwo agendera kw'ifarasi. Ariko ntibaribazi ivy'ari vyo. Yamara ivyo bigiye guhishurwa. Ivyo bitegerezwa guhishurwaUmwagazi w'Intama amaze kuva ku Ntebe ya Data, icicaro co kutuvugirank'umucunguzi wo mu muryango wa hafi.

31 Ubu ngira ncishemwo akantu ngaha nce nirenganira. Umuntu wese arafiseuburenganzira bwo kuvuga uko abona ibintu. Ariko umupasitori atavyemeyemw'ikoraniro ryiwe, aho rero bikwiye ko mumubarira ntiyakire aya makaseti.Ariko ibi bikorerwa mu bantu natumweko kugira ngo mvugane nabo, ni cogituma ntegerezwa kubahishuka nkababwira Ukuri ico ari co.

32 Gurtyo rero, Umwagazi w'Intama, mu gihe yari akiri mu gihe co kutuvugira,yari azi ko hariho amazina ari muri ico Gitabo yari yaranditswe uhereye isiikiremwa, kandi kuko ayo mazina atari bwigere yerekanwa kugeza na bugingon'ubu, vyasabwe ko aguma aho atuvugira. Ivyo murabitahura ? [ Ikoraniro riciyerivuga ngo : « Amen » — U ]. Mu vyukuri, ni ugutoranywa pe!

Ni uko! Yari yategerejwe kuguma aho kuko yari yaje gupfira abo Imana yariyarateguriye Ubugingo Buhoraho. Yari yarababonye kubwo kumenyaibitaraba kwayo bidaturutse ku kugomba kwayo. Ukugomba kwayo kwariyuko hatagira n'umwe apfa rubi ariko ku bwo kumenya ibintu bitarabakwayo, yari izi uzopfa rubi n'uwutazopfa rubi.

Ku bw'ivyo rero igihe cose hakiri izina ritaramenyekana kw'isi, Kristoategerezwa kuguma aho ari Uwutuvugira kugira ngo yitwararike iryo zina.Ariko iryo zina niryamara kwinikwa muri wa muti ukura

amarabaga, imisiyo kutuvugira izoba irangiye:ngo « Uwanduye n'ashishikare yanduren'uwezwa n'ashishikare yezwe. » Aho rero Aca ava Ahera maze hagacahacika intebe y'urubanza. Ico gihe abazoba batari muri Kristo bazobonaibara!

33 Ariko ni mumenye ibi : birakwiye ko bihishurwa igihe wa Mwagaziw'Intama avuye ahantu hiwe ho kutuvugira kuri Data (Ivyah.5). Rero aca afataico Gitabo c'Ibimatanije canke ahubwo ca Gitabo kimatanishijwe udushasharatudomyeko ikimenyetso, akamena ivyo Bikimatanije, maze akavyerekana igihegiheze, ivyo kutuvugira bimaze kurangira ; aho rero Ibihe vy'Ishengero bibabirangiye. Yaraje mu Gihe ca mbere, mu Gihe ca Efeso, arahishura kandi atumaintumwa. Mu gihe turiko dutera tuja imbere, murabe ibica bishika.

Ng'uku uko ivyo bintu bikurikirana : Iyo ikintu ca mbere gishitse,habanza kuba ikimenyeshwa mw'Ijuru. Haba habaye iki ? Ikimatanije caGitabo kiba cuguruwe. Ni iki ? Ni ibanga riba rihishuwe. Kandi ibanga iyorihishuwe, inzamba ica ivuga imenyesha ko intambara igira itangure. Icagokirasukwa maze Igihe c'Ishengero kigaca gitangura. Murabibona ? Iyontambara ibaho kubera iki ? Umumarayika w'Ishengero aba afashe ibangary'Imana ritarahishurwa ryose ; agafata iryo banga ry'Imana, hanyumaakagendamu bantu amaze gushikirizwa iryo banga. Aca aja mu bantu. Muri bo aja gukoraiki ? Aca atangura kwamamaza ubwo butumwa. None ubwo butumwa bucabuvyura iki ? Intambara. Intambara yo mu buryo bw'impwemu.

34 Hanyuma Imana Ica ifata intumwa yayo hamwe n'abatoranijwe bo muri icogihe ikabashira ku ruhande bakaruhuka basinziriye. Hanyuma Igaca isuka icagoku babushibuye rukaba urubanza rw'imfatakibanza.

Iyo birangiye baca babandanya, bakaja hamwe maze bakavyinjizamwoamadini; bagafatira ku vy'abantu nka Wesley n'abandi bakoze maze vyose vyongera kuba urwijiji. Hanyuma irindi banga rigaca riseruka. None hacahaba iki? Iyindi ntumwa ica iza kw'isi kugira ngo itanguze ikindi gihe c'Ishengero.

Ashitse, inzamba ica ivuga. Iba imenyesheje ko intambara itanguye. Nonehaca haba iki? Uburuhiro ica ikurwaho. Hanyuma imaze gushirwa ku ruhandemu buruhukiro, icago gica kikabahonya. Urupfu rwo mu buryo bwa Mpwemuruca rutera mw'Ishengero maze uwo murwi ugaca upfa. Hanyuma bigacavyongera gutangura.

Oh, ni integuro nziza cane ishitswa kugeza umumarayika wa nyumaashitse. Uwo ntafise ibanga yisangije, ariko yegeranya ivyo batari barabonyemu bindi bihe, ukuri kwose gutari bwahishurwe vy'ukuri ukwo uguhishurakwagiye kuza. Maze aca abihishura mu gihe ciwe. Ni mwaba mugombakubisoma, ni murabe Ivyahishuriwe Yohana 10 : 1- 4. Ni uko!

35 Umwagazi w'Intama afata ca Gitabo c'Ibimatanije, akabimena kandi agacaavyereka umumarayika w'indwi, kuko ico ni co gikorwa conyenec'umumarayika w'indwi ; ni ico guhishura amabanga y'Imana. Uburerotwashitse kw'iherezo ry'ibihe vy'Ishengero ; Inkuru za kahise ubwazoziravyerekana. Ni bwo butumwa bw'Umumarayika w'Ishengero ry'indwi. Aca rero ahishura amabanga yose yo mu bihe vyashize, ibintu vyose vyo mubihe vyarenganye. Ni murabe Ivyahishuriwe Yohana 10 :1-7. Ivyo ni vyobitegerezwa gushika.

36 Ni mwibuke ko mu misi y'umumarayika w'indwi, aho azoba ariko aravuzaInzamba y'Ubutumwa bwiza, azoheraheza amabanga yose y'Imana. Nk'ukonyene vyabaye mu bihe vya mbere vy'Ishengero (tuzobibona mu gihe kiriimbere) inyigisho yarashinzwe. Cabanje kuba iciyumviro giseruwe, ikintucavugwangwa, hanyuma gica kiba inyigisho ; hanyuma ivyo bica bibaamategeko - ngenderwako, hanyuma biba ishengero. Ivyo vyarabandanijegushika ibihe vy'umwiza birangiye. Ico kiringo cavuyemwo ihindagurika ryambere ryo mu vyo gusenga ryazanywe na Luther. Yaje azanye ibintu vyosevyari vyaragizwe ibanga vyabaye mu gihe c'Ishengero ry'ico gihe nyene, arikontiyabisozereye.

Hanyuma haciye haza Wesley azanye ukwezwa. Yaje azanye ikintuciyongereye, ariko na we nyene ntiyabisozera. Bagiye barareka ibintu babisigaku ruhande : nko kumija amazi ku mutwe mu gishingo c'umubatizo, kandiLuther yavuga ati : « Data, Mwana, Mpwemu Yera » mu gishingo c' « UmwamiYesu Kristo » n'ivyo bintu vyose bitandukanye.

37 Hanyuma haciye haza igihe ca Pentekote, igihe c'umubatizo wa MpwemuYera. Ariko na ho nyene barahushije intumbero. Yamara nta bindi bihe bishobora kwongera kubaho. Nta kindi kirengako, ni Igihe ca Lawodikiya.Ariko rero duseranguye mu Vyanditswe, dusanga intumwa y'igihe yama izaigihe kigiye kurangira. Paulo yaje igihe kigiye kurangira, co kimwe na Irenée naMartin. Luther yaje igihe ca Katolika kigiye kurangira; Wesley yaje igihec'abaluteriyano kigiye kurangira; Pentekote na yo iza igihe c'ukwezwa kigiyekurangira ,iza izanye Umubatizo wa Mpwemu Yera.

Kw'iherezo ry'igihe ca Pentekote, nk'uko Ijambo ribivuga (kandi kuri unomugoroba Imana imfashe ndabibereke nkoresheje Ijambo), dutegerezwakwakira intumwa izofata utwo tuntu twose twarekewe ku ruhande iceihishura ibanga ry'Imana ryose uko ringana kugira ngo Ishengerorizamurwe.

38 Hanyuma y'aho haza y'amabanga y'imituragaro indwi iyo nokwandikwa itanditswe na mba. Ni ivy'ukuri. Ndibaza ko biciye muri iyomituragaro indwi, ibintu bikenewe kugira ngo Umugeni akoranywe

maze aronkeukwizera kwo kuzamurwa bizohishurwa muri ino misi ya nyuma; mu vy'ukuri,turavye ivyo dufise ubu, ntitwoshobora kuba mw'izamurwa. Hari ikintugitegerezwa kubanza kuza, ubu ni nk'aho dufise ukwizera kwo gukira indwaragusa. Dutegerezwa no kugira ukwizera gukwiye kwotuma duhinduka mukanya isase tugaca tuduzwa dukuwe kw'isi. Imana ibishatse, mu kanya turajakubona aho vyanditswe.

39 Hanyuma amateka yose azoshika kuri abo banyakibi. Ni murabe ukuntuibihe vyagiye bikurikirana, uko ivyo Bimatanije ca Gitabo bigenda bimenwa,kugeza ku musi ica nyuma kizomenerwako. Naho bari baritegereje ivyoBimatanije ca Gitabo, bagapfa kwigenera insiguro yavyo, ubu rero kw'iherezory'Ibihe vy'Ishengero, abo banyakibi bose bazoja mu kibanza cabo batera bajamuri ya mibabaro.

Abo banyakibi bose bavugwa muri bimwe ndwi bimatanije ca Gitabobakoreye mw'Ishengero mu buryo bw'ibanga kandi turaja kubona mu kanyagato ko ivyo banabikoze kw'izina ry'ishengero. Ubwabo biyita ngoni « Ishengero ».Ni muze murabe ko atari ukuri! Kubona ntahuza n'amadinink'uko ndabikora, ntazi igituma ndabigira, nta gitangaje kirimwo!

Ku ntango ivyo vyatanguye bisa n'aho atari bibi, hanyuma vyagiyebirushiriza kuba bibi. Maze bavyiteramwo, bavuga bati : « Oh, Ego ! Vyukuri nivyiza ! » Ariko mu misi ya nyuma ivyo bintu bizoja ahabona. Uburuhirobarononekara rwose ku buryo bazokwinjira batumbereye muri ya mibabaro.

40 Mbega boshobora kuvuga bate ko Umugeni wa Kristo ategerezwa guca muriya mibabaro ? Sinshobora kubitahura ! Muri ya mibabaro ntiririmwo! NambaIshengero ryaraciriwe urubanza, namba ubwabo barimenye mazebakemera amaraso, Imana yocira urubanza gute umuntu atunganye kandi atagira icaha na gato? Mwovuga muti : « Umuntu nk'uwo ntabaho ! »Uwizera wese yavutse ubwa kabiri, uwizera wese w'ukuri aba atagira icahana mba kandi koko ntaco aba afise imbere y'Imana. Ntiyizigira ibikorwavyiwe, ariko kubwo kwatura kwiwe, yaribije ivyaha vyiwe mu maraso yaYesu. Bibiliya ni yo ibivuga.

Ngo « Uwavyawe n'Imana ntakora icaha kuko adashobora gucumura ».Mbega umuntu mwomwita umunyavyaha gute mu gihe icoza amarabaga ari comaraso ya Yesu Kristo kiri hagati yawe n'Imana ? Ayo aratatanya rwose icahakuburyo hatagira igisigara. Mbega Amarasoatagira agasembwa ya Kristoyoshobora ate kureka ngo hagire icaha na kimwe gisigara? Ntiyobishobora!

Yesu yaravuze ati : « Ni mube agahore nk'uko so wo mw'Ijuru ariagahore. » Mbega twoshobora no kugira iciyumviro co kuba agahore gute ?Yamara Yesu yarabisavye ashimitse. Kandi rero namba Yesu ari co yasavye,vyari bikwiye ko atanga n'ingene vyoshoboka. Kandi ni vyo yakoze : Ni yaMaraso yiwe bwite.

41 Ubu rero ariko arahishura ivyagumye ari amabanga mu bihe vyashize. Ahahariho iciyumviro c'uko mu gihe c'iherezo ivyatanguye kera ari amabanga mubihe vya mbere kandi bikabandanya ari amabanga mu bihe vyose vy'Ishengero,bitegerezwa guhishurwa mu gihe c'ukumena Ibimatanije ca Gitabo co muri ikigihe ca nyuma. Muri ico gihe, igihe co kutuvugira kizoba kigiye kurangira. Hanyuma abasigaye inyuma baba babikiwe gucirwa amateka. Izo ni zobazokwinjiramwo.

42 Ivyo bizoba Umugeni amaze kujanwa. Dusome Ivyanditswegusa! Mwese murakunda kwandika aho mubisanga, si ko none ? Reka dufate1Ab'i Tesalonike 2 : 7. Aho tuhasanga ikigereranyo ciza cane ; ivyondahakunda! 2 Ab'i Tesalonike 2 : 7. Uwo murongo nawanditse mpindaagashitsi ! « Kukw'ibanga ry'umugararizo n'ubu ririko rirakora, mugabo har'ubibuzanone, gushitsa igihe azokurirwaho. »

Uwo abibuza ni nde ? Ni ibanga, ibanga ry'umugararizo ryari rimazeguseruka muri iki gihe ca mbere c'Ishengero. Aha rero ni Paulo yanditse avugako ibanga ry'umugararizo… Umugararizo ni iki ? Umugararizo ni ikintumuba muzi ko mudakwiye gukora ariko mukabirengako mukabikora.Paulo avuga ko ubu kw'isi hari abakozi b'umugararizo.

43 Tuhasome duhereye kumurongo wa 3 :«Ntihakagire umuntu abahenda mu buryo na bumwe, kuk'utazoza, kwakureka Imana kutabanje kuboneka, kandi wa muntu w'umugarariji (wa MUNTU) atarahishurwa, ni we mwana wo kuranduka (ni ivy'ukuri),umurwanizi yishira hejuru y'icitwa Imana cose cank'igisengwa ;nukw'azokwicara mu rusengero rw'Imana yiyerekana ngo n'Imana (arikoaraharira ibicumuro vy'abamwiregako). Ntimwibuka yuko nababwiye ivyo nkiri kumwe namwe ? (Nanje nari gushima kwicara nkumviriza inyigishozimwe - zimwe mu nyigisho ziwe. Mweho?) Kandi none murazi ikibuza,kugira ngw'az'ahishurwe mu gihe ciwe. »

Si muri ico gihe nyene, ariko ni « mu gihe ciwe ». Murabona, ni mu gihec'ukumenwa kw'iki Kimatanije ca Gitabo. Turazi neza ico vyasigura Uwomuntu w'umugarariji ni nde ? Uwo muntu w'umunyabicumuro, uwo mukoziw'ibikorwa vy'ubugarariji ategerezwa guhishurwa mu gihe ciwe ni nde?

44 Ngo « Kukw'ibanga ry'umugararizo n'ubu ririko rirakora (abo banyabinyomabagenda bazimiza abantu mu buryo bwose) mugabo har'ubibuza none (Imana),gushitsa igihe a... (Kristo, Ishengero, Umugeni) azokurirwaho. Ni ho rero wamugarariji azohishurwa (Ikimatanije ca Gitabo kimenywe, kw'iherezo ry'Ibihe.Paulo avuga ati : « Si mu gihe canje, ariko ni mu gihe azohishurwa ».Muratahuye ?), umwe Umwami Yesu azokwicisha impwemu ziva mu kanwa kiwe(Ivyo turaza kubibona mu kanya)… azokwicisha impwemu ziva mu kanwa kiwe(ni mwibaze ivy'ari vyo), azomutituza uguseruka kw'ukuza

kwiwe.Ukuzakw'uwo mugarariji kuri mu buryo bg'inkomezi za Satani (ni umuntu afiseibikorwa bikorwa n'inkomezi za Satani ), kuri n'ubushobozi bgosen'ibimenyetso n'ibitangaza vy'ibinyoma n'ubugunge bgose bgo kugabitanya(azimiza abantu mu buryo bwo kugabitanya) ku bahona ( atari uwo Mugeni,ariko ni ku babirondera), kuko batemeye gukunda ivy'ukuri (kandi Kristo ni Wekuri , Kristo ni Ijambo, ariko bo bahitamwo za « nemera ») ngo bakizwe. Ni cogituma Imana ibarungikira ubuzimire bubakoreramwo, ngo bizere ibinyoma («vya binyoma » atari « ibinyoma » ; ni vya binyoma nyene yabwira Eva) : kugirango abatizeye ukuri bose, bagahimbarirwa ukugabitanya, bacirwekw'iteka ».Narasuzumye muri Kazinduzi, ngaha vyategerezwa guhindurwa ngo :« vya binyoma » atari « ibinyoma », vya binyoma nyene yabwira Eva.

45 Mbega ibishikirijwe! Oh, bene Data ! Umugeni amaze kuzamurwa, uwomuntu w'umunyabicumuro azoca ahishurwa. Umugeni Nyakuri wa Kristoyatoranijwe ava mu Bihe vyose vy'Ishengero

Wa musi narababwiye ko Umugeni yoshobora kwitahira i muhiramutanabimenye. Ni ivy'ukuri ! Umuntu yovuga ati : « Ariko ga mwene DataBranham, koba ari akarwi gato cane ». Yesu yavuze ati : « Nk 'uko vyari biri mumisi ya Nowa » , ni mu mubaze kuri ivyo! « Abantu bake, ni ukuvuga umunaniko ari bo bakize umwuzure w'amazi ; uko ni ko bizomera aho Umwanaw'Umuntu azozira ».

46 Hamwe hoba amajana umunani boja mw'Izamurwa kuri uno mugoroba, ejonta n'ico mwokwumva babivugako, canke hirya y'ejo, canke ntimwigeremuvyumva. Boba bazimanganye maze ntihagire na kimwe mumenya. Vyomerank'aho ata kintu na kimwe cabaye.

Ndiko ndagerageza kuvuga iki ? Sindiko ndagerageza kubatera ubwobacanke amaganya. Nshaka ko mwohora mugavye. Ni mwitegure, mwame murimaso. Ni mureke ubupfu bwanyu. Mufatanye igikorwa n'Imana, kuko igihekirakuze kurusha uko mwavyiyumvira.

47 Ni mwibuke ko hariho umugeni atari we. Uwo tumusanga mu VyahishuriweYohana 18 : 7. Avuga ati : « Mvyagiye nd'umwamikazi, sind'umupfakazi,sinzobona amaborogo n'akazirukanyo ». Yaciye ku gikoko gisa n'agahama,ariko Umugeni nyakuri azoba agizwe n'amamiliyoni y'abantu; azoba ariuwatoranijwe wo mu gihe cose c'Ishengero. Mu gihe cose ubutumwa bwababutanzwe maze abantu bakabwizera bakabwakira mu muco wabwo wose, bacabashirwako ikimenyetso maze bagashirwa ku ruhande kugeza ku musi wogucungurwa.

Mbega Yesu ntiyigisha ibi nyene igihe yavuga ati : « Humvikana akamo kumuteramyi agira indwi? » Iki ni Igihe ca nyuma c'Ishengero, muratahuye ?Arasemerera urwamo ngo Ng'uyu Umukwe, ni musohoke mumusanganire !

Maze inkumi y'ikijuju ica irahaguruka, yivyiringira mu maso iravugaiti: « Umenga na jewe nyene nategerezwa kugura utuvuta duke kuri ayo, najewe; kumbure ko ndayaronse vyoba ari vyiza ».80. Umugeni Nyakuri aca avuga ati : « mfise ayankwiye gusa. Mfise gusaayakwiye kugira ngo ninjire jewe jenyene. Sinshobora kuguha na mba ; ni wabauyakeneye, genda usenge kugira ngo uyaronke ».

48 Mu gihe yari agiye Umukwe arashika maze Umugeni arinjira. Maze reroabasigaye, abandi bari basanzwe bafise ingeso nziza, ari na ryo shengero,basigajwe hanze ! Yavuze ati : « Aho ni ho hazoba amarira no kuryanya insyaz'amenyo. » Murabibona ? Abo ni bo batoranijwe. Kandi ijwi rihamagararimaze kwumvikana ngo : « Ng'uyu Umukwe araje ! » abari barasinziriye ukoibihe vyagiye bikurikirana bose barikangura; bose !

49 Ni mutahure neza ko Imana atari Yo izogenda kwegeranya ibihumbin'ibihumbi vy'abantu bo muri kino Gihe ngo ice ibadugana nk'ukotuvyiyumvira. Izofata abatoranijwe nyene bari mu Bihe vyose! Ni na co gitumaKristo ategerezwa kuguma ku Ntebe y'ubuhuza nk'Umuvugizi kugeza igiheuwanyuma yatoranijwe wo mu Gihe ca nyuma azokwinjirira. Kandi ukwoguhishurirwa kwerekana ukwo ibintu vyari biri kwahawe abantu none barikobarabona ivyashitse ivyo ari vyo. None ubu murabitahuye?

50 Ni murabe ko abandi bapfuye (abanywanyi b'ishengero) batabayebazima ya myaka igihumbi itararangira. Abanyeshengero (abakristo,ishengero) ntibaba bazima ya myaka igihumbi itararangira; ni ho rero bazoca begereza kugira ngo bahagarare imbere y'Umugeni. Ni ukuri.Bahagarara imbere y'Umwami n'Umwamikazi. Imana Ihabwe icubahiro! Uno musi hariho ishengero ryiyita « Umwamikazi w'Ijuru»! Umwamikaziw'Ijuru ni Umugeni yatoranijwe na Kristo kandi azoza azananye na We.85. Daniyeli yaramubonye hamwe yavuga ati: « Ibihumbi n'ibihumbibaramukorera ». Ni mwihweze ivyanditswe muri Daniyeli! Imanza zirashingwamaze ibitabo birugururwa.

51 Ariko ni mwibuke ko igihe Yaza, Yaje azananye n'Umugeni wiwe.Umugore yitwaririka umugabo wiwe. « Maze ibihumbi n'ibihumbivyaramukorera. Imanza zirashingwa ibitabo birugururwa hanyuma ikindi Gitabokirugururwa ari co cari Igitabo c'Ubugingo. Uwo si Umugeni namba ! We abayazamuwe none agarutse hano kugira ngo acire imanza urunganwe rw'abansekwumva inkuru y'ubutumwa bwiza.87. Mbega Yesu ntiyavuga yuko wa Mwamikazi wo mu Bumanuko azovanahasi n'ab'iki gihe, akabatsindisha kuko yari yaje ava ku mpera z'isi kugira ngoyumve ubwenge bwa Salomo kandi aho hari Uwuruta Salomo?

52 Urubanza ruratangura; umwamikazi w'i Sheba (ari we mugabekaziw'igihugu c'i bumanuko) azohagurukana igishingantahe ciwe bwite ku musiw'amateka. Nta muyuda n'umwe yahagurukanye n'ab'urwo runganwerw'Abayuda. Bari impumyi baca baramuhusha ; yamara baramurondera ! ArikoYaje aciye bugufi cane ku buryo bamuciye i ruhande bararengana rwose ; arikouwo mugabekazi ahambaye, we, yaricishije bugufi, araza atako yemeraubutumwa. Yavuze ati : « Azova hasi ku musi w'amateka, atsindishe ururunganwe ».

53 Muzokwama mubona imice itatu y'abantu.Ubwa mbere hariho Igitabocakurikijwe mu gucira imanza abapfuye ; hanyuma habaho ikindi gitabo, ari coGitabo c'Ubugingo, abo amazina yabo yari yanditswe mu Gitabo c'Ubugingo.Muravuga muti : « Namba izina ryanje riri mu Gitabo c'Ubugingo vyosebigenda neza, si vyo ? » Izina rya Yuda Isikaryota ryari ryanditswe mu Gitaboc'Ubugingo. Mwubahuke rero muvuge ko atari vyo ! Yesu muri Matayo 10,yabahaye ububasha bwo gusenda amadayimoni aca abarungika gukizaabarwaye, guhumanura abanyamibembe no kuzura abapfuye. Baciye bagendahanyuma baragaruka, Yuda yari ari kumwe na bo ; barirukanye amadayimonibatako bakora ibitangaza vy'ubwoko bwose hanyuma bagaruka bavugabati: « N'abadayimoni na bo baratwumvira »90. Yesu yaciye abishura ati : « Ntimunezerwe n'uko abadayimoni babumvira ;ariko munezerwe n'uko amazina yanyu yanditswe mw'Ijuru »; Yuda yari arikumwe na bo ! Ariko icashitse ni iki ? Mu gihe hari hageze igihe c'uko umurwi watoranijwe wegeranywa ku musi wa Pentekote no kugira ngo baronke vyukuriMpwemu Yera, Yuda yaciye yerekana ico ari. Azoba ariho ari ku musiw'amateka ! Gurtyo rero, ibitabo birazingururwa n'Igitabo c'Ubugingokirazingururwa maze umuntu wese acirwa urubanza. Muri ico gihe nyeneUmugeni aba ari kumwe na Kristo kugira ngo bacire isi urubanza.

54 Mbega Paulo ariko arabwira Umugeni ntavuga ati : « Mbega har'uwo murimwebwe yogira ic'apfa na mugenzi we, akubahuka kuburanira ku bagabitanya,ntaburanire ku bera ? Ntimuzi yukw'abera ari bo bazocira ab'isi urubanza ? »Ntimubona none! Abera bazocira isi imanza kandi bazoyiganza. Ni ivy'ukuri!Muravuga muti : « Ivyo vyoshoboka gute kuri ako karwi gato ? » Sinzi ukobizogenda ariko yaravuze ko ivyo bizokorwa ; ku bwanje, aho ngezakubimenya, ivyo bituma ikibazo gitorerwa umuti.

55 Ni murabe ko abapfuye bandi (abanywanyi b'ishengero bapfuye) batabayebazima ya myaka igihumbi idashize ; ariko kw'iherezo ry'iyo myaka igihumbibaciye begeranywa haca hongera kubaho irindi zuka ari ryo zuka rya kabiri.Kristo bo n'Umugeni bari bari aho (si ishengero, ariko ni Umugeni ), Kristo bon'Umwamikazi (si ishengero). Kristo bo n'Umugeni bari bari aho, bari ukwabonk'uko intama zitandukanywa n'impene. Ni ivy'ukuri. Ico gihe ni hoabanyeshengero baca barengutswa. Ni baba barumvise Ukuri bakagushibura,azobabwira iki mu gihe vyose bizoba bishizwe ahabona neza ku buryon'ivyiyumviro vyanyu bwite (ico mwibaza kuri ibi bintu) bizoboneka?Muzokwikiza mute igihe bizoba vyashizwe ahabona mw'Ijuru maze vyavyiyumviro vyanyu bwite vy'ubugarariji bigashirwa ahabona kuri ya mboneshakure nini y'Imana, ivyo vyiyumviro vyanyu nyene bizobatsindisha ico gihe?

None rero muramutse muvuze ikintu kandi mwiyumvira ikindi, vyoba vyizamudasubiye kubikora. Ivyiyumviro vyanyu ni mubishire mu Mana. Mubirindekwandura, mugume muhagaze gurtyo kandi mwame muvuga ururimi rumwe.Ntimuvuge muti : « Ego, nzovuga ko ndavyizera, ariko no kubisuzumanzobisuzuma ! » Ni muvyizere ! Amen !

56 Igituma bapfa, bagaca mu vyago vyo muri ya mibabaro bituma bezwani kubera batari musi y'amaraso koko. Bo bavuga ko bari musi yayo arikontibari musi yayo. Boshora gute kurinda guca mu vyago bituma bezwakandi Amaraso ya Yesu Kristo yeza yarakuyeho umugera wose w'icahan'ibindi vyose? Muba mwaramaze gupfa kandi ubugingo bwanyu Imanaiba yabuhishije muri Kristo igaca ibushirako ikimenyetso ca MpwemuYera. None rero icotuma muzocirwa urubanza ni igiki ? Ukwezwa kwanyumuzogukura hehe ? Mutegerezwa kwozwa iki kandi muri muri Kristo vyukuri ?Muba ata caha mufise. None igituma muzocirwa urubanza ni igiki ? Ariko niuwo murwi w'inkumi z'ibijuju abantu badashobora kubona.

57 Mu myaka yose yaheze ntibashoboye kubikora, ariko noneho igihe kirashitsec'uko ibi bintu bitegerezwa guhishurwa. Ivyo biba neza na neza mu gihec'ukuza kw'Umukwe. Ni iherahezwa rya vyose, ivya nyuma biriko birashika.Bagenzi bahire, ndizera ko ibi bintu bishitse kw'isozerwa ryavyo. Ni ryari ? Ntaco ndabiziko na kimwe ! Sinshobora kuhababwira ; yamara kuri uno mugorobangomba kubaho nk'uko ivyo vyoba bitegerezwa gushika kuri uno mugorobanyene, ngomba kuguma niteguye. Yoshobora kuza kuri uno mugoroba, nk'ukoyoshobora kutaza imyaka mirongo ibiri itarahera. Sinzi aho Azozira ariko ahoAzozira hose… Ubuzima bwanje bwoshobora kurangira kuri uno mugoroba.Ubwo rero ivyo nzoba narakoreye aha vyose bizoba birangiye kuri iyo sahanyene. Nzotegerezwa guhura na We mu rubanza rw'uko nabayeho ngaha kw'isi. Igiti kigwira aho gihengamiye.

58 Ni mwibuke igihe bagenda kugura amavuta. Mwovuga muti : « oh, gumagato mwene Data Branham, nta co nzi na kimwe kuri vyo… » Baragiye kuguraamavuta ariko bagarutse, basanze Umugeni yagiye mbere n'urugi rwugawe;baciye badodora bavuga bati : « Tureke twinjire, tureke twinjire! » Arikobagumijwe hanze mu mwiza.

Ni mwaba mushaka ikigereranyo c'ivyo ni mwumvirize ico Yesuyavuze : « Kandi uko vyari biri mu misi

ya Nowa… » Aho ni ho yisunze. Mugihe ca Nowa barinjiye mu bwato hanyuma baraterurwa bajanwa hejuruy'urubanza rwariko ruraba kugeza ruheze. Ariko nticari ikigereranyo c'Umugeniwa Kristo : kuko ikigereranyo c'Umugeni ni Henoki.

Nowa yaciye mu mibabaro, yaracumukuye, araborerwa hanyuma arapfa.Ariko Henoki we yagendanye n'Imana imyaka amajana atatu kandi yashingiweintahe ; yarahimbaye Imana kuko yari afise ukwo kwizera kwatumyeazamurwa ; yatanguye gusa kugendagenda, arengana amajuru yigira i muhiraatiriwe arahonja urupfu! Ntiyiriwe arapfa.

59 Ni ikigereranyo c'iri Jambo rivuga ngo twebwe abazoba bakiriho, twasigayeturindiriye ukuza kw'Umwami, ntituzokwitangira imbere abazoba barapfuye ». (1Tesalonike 4 : 15). Basinzirijwe n'uko ubuzima bw'umuntu n'ukubaho kwiwebifise aho bigarukira. Barapfuye muri ico gihe ariko ntibapfuye :barasinziriye! Amen! Barasinziriye! Ntibapfuye! Kandi ikindi kimwe gusabakeneye n'uko Umukwe abakangura. Kandi natwe abakiri bazima dusigaye,ntituzotevya abamaze gusinzira kuko inzamba y'Imana izovuga mazeabapfiriye muri Kristo bazobanza kuzuka; hanyuma natwe abazoba bakiribazima dusigaye tuzoca duteruranwa na bo maze duce dusanganira Umwami mubicu. Ariko abapfuye bandi ntibazosubira kuba bazima ya myaka igihumbiitarashira. Ni uko! Bazoca mu gihe ca ya mibabaro. Abo ba mberebizobagendera gute ? Bizoba nk'uko vyabaye kuri Henoki.

60 Murazi ko Nowa yitwararitse ivya Henoki kuko uwo Henoki amazegukurwaho, Nowa yaciye amenya ko urubanza ruri ku rugi. Yaciye atangurakuguma yegereye ubwato ariko ntiyazamuwe. Yadugijwe gatoya gusa aca acaaja hejuru y'imibabaro. Yarenganijwe ikiringo c'imibabaro kugira ngo azeyicwe n'urupfu rusanzwe ; Nowa yaracishijwe mu mibabaro ariko Henoki we,yazamuwe adaciye mu rupfu ; ni ikigereranyo c'Ishengero rizozamuranwan'abasinziriye maze rikaja gusanganirira Umwami mu bicu. Ariko abasigaye bomw'ishengero bazocishwa mu gihe c'imibabaro. Ku bwanje, nta kundinoshobora kubitahura. Henoki yazamuwe atabanje guca mu rupfu.

61 Ubu rero dutangure kuvyigako gato. Twobitebako ntitwokwigera dushikiraivyo Bimatanije ca Gitabo. Dutangure ubu nyene kuko biza guteba (kumbure kotuzobisubiramwo ejo ku mugoroba). Tuzogenda ducishamwo twiga imwe imwemuri za nzamba kuko, uko Ikimatanije kimenwa ni ko inzamba ivuga. Ni konyene bimeze no kubiba mu gihe c'iyugururwa ry'Ibihe vy'Ishengero ; ni konyene bimeze.

62 Imisi yose Inzamba yama yerekana intambara canke imivurungano yapolitike. Ico ni co inzamba ikora. Umudugararo wa politike utuma habaindwano. Iyo habayeho ukunaniranwa nk'ukwo mu vya politike maze vyosebikaba amadidane nk'uko bimeze muri kino gihe, aho rero murace muhaberamaso : intambara iba igeze ku rugi.

Yamara murabona rero ko ubu bwami bukiri ubwa Satani. Buracari muminwe yiwe. Ni ko bwaracunguwe na Kristo ariko Umukiza aracari ku gikorwac'Umucunguzi wo mu muryango wo hafi aguma akuramwo abiwe kugeza igiheizina rya nyuma ryanditswe muri ca Gitabo rizoba rimaze kwakirwa,rikadomwako ikimenyetso maze rigashirwa ku ruhande. Murabitahuye ? [Ikoraniro riciye rivuga ngo« Amen » ! - U ] Aho rero ni ho Aca ahaguruka akava ku Ntebe yiwe, ari yoNtebe ya Se, akegereza, agafata Igitabo akagikura mu kuboko kw'Imana iri kuriya Ntebe agaca akomeza ivyiwe. Ikintu ca mbere aherako gukora ni ukwishuzaUmugeni wiwe. Amen! Hanyuma Aca afata iki ? Aca afata umwansi wiwe,Satani, akamuboha hanyuma akamuterera mu muriro n'abiwe bose. Nimwibuke ko atari Uburusiya! Oya, Antikristo ni umuntu w'ubugunge! Nimwitegereze ukuntu ari ingunge! Ni umunyamayeri. Cane nyene! MpwemuYera wenyene ni we ashobora kubumusumvya.

63 Ni mwitegereze ko inzamba zisobanura ko hariho umudurumbanyo mu vyapolitike, intambara. Yesu yarabivuze muri Matayo 24. Yavuze ati : «Muzokumva intambara n'impuha z'intambara ». Murabona, n'uko bimezeuhereye ku ntango ukageza kw'iherezo. Ni mwibuke ko Yesu ari we abivuga! Intambara n'impuha z'intambara, intambara n'impuha z'intambara. Bigumabibandanya gurtyo kugeza kw'iherezo. Ni inzamba isamirana.

Ni twiga izo nzamba tuzosubira inyuma kugira ngo twihweze imwe imwemuri izo ntambara maze tuzoca tubereka ko zikurikira ayo mashengero.Tuzobereka ko zikurikira ivyo Bimatanije ca Gitabo : Intambara n'impuhaz'intambara ! Namba inzamba yerekana ko hariho imidurumbanyo mu vyapolitike, Ibimatanije ca Gitabo vyo, vyerekana imidurumbanyo mu vyo gusenga.

Ikimatanije ca Gitabo kiramenwa, ubutumwa bugaca butangwa. Yamaraishengero (abakuru baryo n'abo bari kumwe bose) igihe cose riba rishinze caneimizi muri politike yaryo bwite, ku buryo igihe ubutumwa bw'ukuri butanzwebuje buva mw'Ijuru maze iyo ntumwa ikabegera, ica irisangangura. Niivy'ukuri : Iyo Ikimatanije ca Gitabo kimenwe haca habaho imivurunganomu vyo gusenga. Ivyo ni vyo vyashitse.

64 Baridibamiye nk'abari i Siyoni. Ishengero ryaridibamiye maze rikavugariti : « Ivyari bikenewe vyose twabikoze! » Uko ni ko rya shengero ryo muBwongereza ryakoze ; bari barashinze imizi. Ishengero rya katolika ryariryarashinze imizi, ariko igihe Luther yaza haciye habaho imidurumbanyo muvyo gusenga. Nta

nkeka! Hanyuma ishengero ryaciye ribandanya rirongowe naZwingli, maze Zwingli ahavuye ryaciye rica mu zindi ntambwe zitandukanyekugeza kuri Calvin. Haciye igihe gito, ishengero rya Angilikane ryaciyerishingwa maze rica riridibamira. Haca haza Wesley, maze imidurumbanyo muvyo gusenga ica iraba. Murabona, ivyo vyama bisobanura imidurumbanyo muvyo gusenga.

65 Ubu rero tuje ku Kimatanije ca Gitabo. Dusome ahantu hato gusa.Ivyahishuriwe Yohana 6 : 1. « Mbona Umwagazi w'Intama amena kamwe muri twa dushashara ndwitumatanije ca Gitabo (haciye haba iki ?) : numva… Nk'ijwi ry'inkuba »

Oh, nshaka kubimarako akanya gato! Ubu rero abazi ibi bintu bose kandibakaba barindiriye kuremeshwa n'Umwami ndizigira ko baja kuvyigakobavyitondeye kandi n'abazokwumviriza amakasete ndizera ko bazobirimburako.Igihe uwo Mwagazi w'intama wamena ica mbere kimatanije ca Gitabo,umuturagaro waciye uturagara.

Ivyo birafise ico bisobanura, birafise ico bisigura . Nta na kimwe gishikakidafise ico gisigura. Umuturagaro waciye uturagara. Ndiko ndibaza uwomuturagaro uwo muturagaro ico ari co.

66 Dusome Yohana 12:23 maze tuvyigeko gato. Ni mutege amatwi nezakandi ntibizosubira kubatera ikibazo! « Yesu arabishura, at'igihe kirageze c'uk'Umwana w'umuntu ahabwaubgiza bwiwe ».

Murabona, tugeze hano kw'iherezo ry'Igihe. Igikorwa ciwe kirarangiye. « Igihe kirageze c'uk'Umwana w'umuntu ahabwa ubwiza bwiwe ».Bimeze gute ku gihe kigiye kuza c'uko Umugeni wiwe ategerezwa kuzamurwa,canke ku gihe kigiye kuza c'uko ata gihe kizoba kigisigaye ? Wa mumarayikayambaye umunywamazi ku mutwe kandi yiteguriye gushinga ikirenge kimwe imusozi ikindi ku kiyaga kugira ngo avuge ati : « Igihe kirarangiye ». Bitayeko,ivyo bishitse, aca amanika ukuboko akarahira ati : « ntibigitevye. » Mbegaukuntu ari vyiza ! Yabimenyesheje Ishengero mu ndahiro. « Igihe kiragezec'uk' Umwana w'umuntu ahabwa ubwiza bwiwe ». « N'ukuri n'ukuri ndababgire : Iy'agatete k'ingano kataguye mw'ivu ngogapfe, kaguma uko kari konyene ; arikw'iyo gapfuye, gahunda impeke nyinshi.Ukunda ubugingo bgiwe azobubura, arik'uwanka ubugingo bgiwe mur'iyi siazobuzigama gushitsa ku bugingo budashira. Nihagira unkorera, n'ankurikire,kand'aho nzoba ndi, umukozi wanje ni ho azoba : nihagira unkorera, Dataazomuha icubahiro. Umushaha wanje urahagaze :… ».

67 Mwovuga muti : « bimeze bite ? Ko umushaha waciye uhagarara ashitsekw'iherezo ry'urugendo ? » Iyo hashitse ikintu co mu buryo bwa Mpwemugituma muhagarika imitima bica bituma mwibaza iki ? Oh, bene Data ! « Umushaha wanje urahagaze : none mvuge iki ? Ngira nti Data,n'unkize iki gihe ? Yamara ni co canzanye ngo nshike mur'iki gihe. Data,shimagiza izina ryawe. Maz' ijwi riva mw'Ijuru, riti Ndarishimagije, kandinzokwongera kurishimagiza. Ishengero rihagazeho rivyumvise, ritin'umuturagaro ».

68 Maze wa Mwagazi w'Intama afashe ca Gitabo akamena iki ca mberekikimatanije, Imana yaciye ivugira ku Ntebe yayo Ihoraho kugira ngoImenyeshe ko ico Kimatanije ca Gitabo cari kigiye guhishurwa. Ariko igiheyacerekwa yasanze kiri mu bigereranyo. Igihe Yohana yakibona, cari kikiriibanga. Kubera iki ? No guhishurwa nticahishuwe muri ico gihe.Ntigishobora guhishurwa rya Jambo yavuga aha ngo « mu gihe ca nyuma »ridashitse. Ariko vyaje mu buryo bw'ibigereranyo.

Umaze guturagara… Ni mwibuke ko urwamo rw'uguturagara gukomeyenk'ukw'inkuba ari ijwi ry'Imana. Uko niko Bibiliya ivuga : umuturagaro.Baciye bibaza ko ari umuturagaro, yamara yari Imana. Yohana yarawutahuyekuko yari yabihishuriwe. Wari umuturagaro.

Ni mumenye ko igihe ica mbere kimatanije ca Gitabo camenwa mu buryobw'ikigereranyo, haciye humvikana umuturagaro. None bizomera gute igihekizoba kimenwe mu buryo bugaragara?

69 Igihe wa Mwagazi w'Intama yamena iki kimatanije ca Gitabo haciyehumvikana umuturagaro ; none cerekanye iki ? Ntiyaciye yigaragaza rwose.Yari isanzwe ari Imana, hanyuma imera nk'ikigereranyo, ubuho iriyerekanye. Niibintu bitatu. Murabona? Uyo aza avuye kuri ya Ntebe. Ubwa mbere na mbereivyo ntibishobora kubonwa, canke ngo babe bovyumva, canke ikindi kintu icoari co cose. Bimatanishijwe ishashara kandi bidomweko ikimenyetso. Arikoamaraso ya wa Mwagazi yaratanze ikiguzi. Haciye habayo umuturagaro igiheyavuga. Kandi avuze uwugendera kw'ifarasi yaciye asokoroka ari kw'ifarasiy'igitare. Ariko naho nyene vyari bikiri mu bigereranyo!

70 Ubu rero ni mwumvirize neza ! Yavuze ko bizomenyekana mu misi yanyuma, ariko ivyo vyakomeje kuba nk'ikigereranyo kw'Ishengero. Eweshengero, ivyo urabitahura ? Ivyo biza bimeze nk'ikigereranyo kw'Ishengrokuko barazi ko hariho Ikimatanije ca Gitabo, ariko ico gisigura mu vyukuri;ntaco bazi kuko ico kigereranyo ni uwugendera kw'ifarasi y'igitare.

Kandi ivyo na vyo bitegerezwa guhishurwa mu misi ya nyuma gusa, mugihe ico kimatanije ca Gitabo ubwaco kizoba kimenwe. Kimenewe nde ?Ntikimenerwa Kristo ariko kimenagurirwa Ishengero! Oh, ivyo bituma mpindaagashitsi! Ndizigiye ko Ishengero, ni ukuvuga mwebwe, ndizera ko mutahuravyukuri ico ngomba kuvuga ; ngira ndabite « UMUGENI.» Ivyomurabitahura?

71 Ijwi ni umuturagaro . Iryo jwi ryaje riva hehe ? Ryavuye kuri ya Ntebe waMwagazi yari avuyeko aho yahora ari atuvugira. Ubwo rero ahagaze aho kugirango afate ingingo yo kwishuza ivyiwe. Ariko uwo muturagaro waje uva kuri yaNtebe uca utangura kwasana. Kandi Umwagazi w'Intama yari ahagaze hanze.Uwo muturagaro waje uva aho Umwagazi w'Intama yari avuye. Yavuye kuNtebe ya Data kugira ngo afate Intebe yiwe bwite. Imana Ihabwe icubahiro !Ivyo ntibibarengane,bagenzi bahire !

Nk'abakristo,turazi twese ko Imana yari yararahiye Dawidi ko izozuraKristo kugira ngo Imwicarike ku Ntebe yiwe iteko Imuhe ubwami butagiraiherezo kw'isi. Ico ni na co yakoze. Kandi Yesu yaravuze ati : « Uwuzoneshaantikristo n'ivy'isi vyose azokwicarana nanje ku ntebe yanje, nk'uko nanjenanesheje nk'icarana na Data ku ntebe yiwe».

72 Umusi umwe, azohaguruka ave ku ntebe ya Data maze aje gufataintebe yiwe bwite. Ubu aregereje kugira ngo ahamagare abiwe.Azobakomoza gute ? Erega Igitabo co Gucungura aramaze kugifata mu kubokokwiwe. Imana ihabwe icubahiro! Numva nshaka kuririmba ino ndirimbo, nti : « Vuba, wa Mwagazi arajana Umugeni wiwe ; kugira ngo yameari i ruhande yiwe. Ingabo zo mw'Ijuru zizokoranirizwa hamwe (Kugirango zibirabe! ) ; Bizoba ari ibintu vy'akaroruhore, Abera bose bazoba bambaye imyambaro yera itagiraakarabagu ; Kandi turi kumwe na Yesu tuzokwama tunezerewe ibihevyose !

Oh, bene Data ! Kwicara ahantu ho mw'Ijuru ! Mbega bizomera gute icogihe ko mbona ubu dushobora kwumva ibintu nk'uko maze tukabibamwo tukirikw'isi tumeze uku tumeze ubu imbere yuko habaho Izamurwa, mu gihedutegerezwa kuguma duhagaze twegamiye ibisika canke turi hanze mu mvurakugira ngo tuvyumve ! Mbega ukuntu bizomera ni twamubona yicaye hariya!Oh, bene Data, kizoba ari igihe ciza cane !

73 Yaravuye ku Ntebe ya Data. Umwana wayo yaregereje, ni Umwana waDawidi. Ico ni co Abisirayeli bibaza ko bokoze kiriya gihe. Ni mwibuke wamugore w'umunyakananikazi avuga ati : « Yewe Mwana wa Dawidi! » Nimwibuke ya mpumyi Barutolomayo hamwe yavuga iti : Yewe Mwana waDawidi! » Yesu yari azi integuro iyo ari yo, ariko bo ntayo bari bazi; bagumabagerageza kumuhata ngo aje kuri iyo ntebe, eka na Pilato yarabimusavye.Ariko yaciye avuga ati : « Iyo Ubwami bwanje buba ubw'ino si, abagendanyibanje bondwaniye. Ariko ubwami bwanje ni ubwo mw'Ijuru ». Kandi yaravugaati : « Ni mwasenga muvuge muti : « Ubwami bwawe buze, ivyo ugomba bibemw'isi nk'uko biba mw'Ijuru ». Amen! Oh, mbega ukuntu ivyo bintu vyose arivyiza cane!

74 Yavuye ku Ntebe ya Data kugira ngo aje ku Ntebe yiwe bwite. Ubu reroaba arangije igikorwa ciwe co kutuvugira kugira ngo akomoze Intebe yiwebwite n'abiwe yacunguye. Yavuye kuri ya Ntebe kugira akore ivyo. Aho rero niho ca kinyabugingo gisa n'intambwe caciye kibarira Yohana kiti : « Ngwino! »Mbega muriko murabisoma?« Mbona Umwagazi w'intama amena kamwe muri twadushashara ndwi tumatanije ca Gitabo : numva kimwe murivya binyabugingo bine kivuga nk' ijwi ry'inkuba… »

Murazi ivyo binyabugingo ivyo ari vyo. Twaramaze kuvyigako. Kimwecasa n'intambwe, ikindi casa n'inyana, ikindi casa n'umuntu, ica nyuma casan'inkukuma. Raba ko hama hari ikinyabugingo cisa gushika bamwe banebagendera ku mafarasi barenganye. Hariho ibinyabugingo bine kandi harin'abagendera ku mafarasi bane.

Ni mumenye ko kimwe co muri ivyo binyabugingo ari Matayo, ikindiMariko, ikindi Luka, ica nyuma kikaba Yohana. Turaja kubigarukako duhezetwerekane igihuye na Matayo ico ari co, igihuye na Mariko ico arico, igihuye naYohana ico ari co, uko bigenda bikurikirana.

75 Niho rero, kimwe muri vya binyabugingo caciye kivuga giti : « Ngwino! »Yohana yaciye yumva umuturagaro wasana maze kimwe muri vyabinyabugingo kiravuga kiti : « Ubu rero ngwino urabe! » Mu yindi mvugoUmwagazi w'Intama uri ku ruhande rumwe Yohana na we ahagaze ku rundiruhande, ariko araraba ivyo bintu. Wa Mwagazi w'Intama aca ahaguruka avakuri ya Ntebe ameze nk'uwishwe ; yuzuyeko amaraso. Ni We wundi yariyabonetse ko ari We abereye, maze aramvuye ukuboko akakira ca Gitabo,vyose rero vyaciye bitangura gusemerera, bica bitangura kuvuza impundun'ibindi vyose kuko ico gihe vyari bimenye ko ubucunguzi bwari butangiweikiguzi.

76 Yazanywe no gukomoza abiwe. Afata ca Gitabo, ahagaze imbere yaYohana. Afata ca Gitabo, akamena ikikimatanije agaca agikurako agashashara.Amaze gukurako ako gashashara, hirya no hino y'aho yari ari haciye humvikanakwasana kw'umuturagaro. Ukwo kwasana kwawo gutegerezwa kubakwarakanze Yohana arasimba ! Hanyuma kimwe muri vya binyabugingo binegica kiravuga kiti : « Ubu rero ngwino urabe ivyo ari vyo, urabeivyerekanwamwo. ( Oh, bene Data!) Yohana, ico ubona ucandike »

Maze Yohana agiye kuraba ivyo ari vyo, Yohana yaciye aja kuraba ivyoumuturagaro wavuze. Niho rero, ico kinyabugingo kimubwira kiti : « Ngwinourabe ibanga riri mu ca mbere kimatanije ca Gitabo iryo ari ryo ». Niumuturagaro, ari ryo jwi ry'Umuremyi ryari ribivuze. Kandi namba hari umuntuyategerezwa kuba azi icarimwo, yari We. Oh, bene Data!

77 Yohana yari asanzwe ariko arandika ivyo bintu, ariko mu gihe yariatanguye kwandika irya yindi

mituragaro ndwi, yaciye abarirwango : « ntuvyandike ! » Yari yasabwe kwandika ico abona cose. Ariko yamituragaro ndwi yari iri hariya mu Vyahishuriwe Yohana 10 itanguyekuvuga, yaciye abarirwa ngo : « Ntugire ico uyandikako ! » Ni amabanga.Ntituramenya ivyo ari vyo ariko jewe uko ndavyibaza izohishurwabidatevye; kandi ni yaramuka ihishuwe, izoha rino Shengero ukwizeragukenewe kugira ngo rigirirwe ubuntu bwo kuzamurwa. Mu bisanzweturaraba ivyo tuzi. Uko ibihe vyose vyagiye bikurikirana twaravyihweje rwose.Twarabonye amabanga y'Imana. Twarabonye ikoraniro rinini rigize Umugeniriseruka mu misi ya nyuma ; yamara muri ibi harimwo ikintu tudashoborakwitahuza ubwacu. Harimwo ikintu. Ariko ndibaza yuko, igihe ayo mabangayatangura kwegereza, Imana yaciye ivuga iti: « Ubu rero ni ubireke.Rindira akanya gato. Nzobihishura kuri wa musi. Ntuyandike na mba,Yohana, kuko abantu babibonye boca badandabagirana. Ivyo ni ubirekenzobibahishura ku musi hazoba hageze ko babibona.

Ariko ntiyaturagariye ubusa! Ni mwibuke ko bimeze nka kama k'irangi :ikintu cose kiriho kubwo intumbero kanaka; ikintu cose kirafise ico kibereyeho.Umuremyi yaravuze, Yohana yumva iryo jwi maze aca aja kuraba.

78 Ariko ubu rero wa Mwagazi w'Intama yeretse Yohana ivyo ategerezwakwandika akoresheje ibigereranyo bihuje n'imvugo y'Ivyanditswe yageneweIshengero (kugira ngo Ishengero ribimenye).Yavuze ati : « Ntuvuge ivyo arivyo! Yohana, ntugende kuvuga ngo : ni ibi canke ni biriya ; ntuvuge ibiri mukigira indwi kimatanije ca Gitabo! Kuko ndabikubariye, umugambi wose wariguhungabana uko ibihe vyagiye birakurikirana. Ni ibanga!»

« Nta n'umwe azomenya aho nzozira ; ndaje gusa ». Ni uko biri !Kumenya ico gihe ntibindaba; ntegerezwa kuguma niteguye gusa,murabona?

79 Ijambo riravuga ko hanyuma y'aho Yohana yaciye yegereza. Yaribajijeati : « ubu rero ngira ndabe ivyo bintu. » None yaciye abona iki ? Yohanayegereje ategerezwa gukora iki? Ategerezwa kwandikira ivyo bintu abo mubihe vy'Ishengero. Iki ni co atagerezwa gukora : kuvyandikira abo mu bihevy'Ishengero. Ategerezwa kwandika ico abonye kuri vya biterekwako amataraindwi vy'izahabu biri mu ntango, akavyandikira Ishengero kandi akabiribarira.

80 Ni uko. Umuturagaro umwe waciye wumvikanisha ijwi. Yohana yari azi koryari ijwi ry'Imana. Hanyuma ikinyabugingo gisa n'intambwe gica kiravugakiti : « Ngwino urabe ico ari co ! » Yohana aca aregera, afata ikaramu kugirango yandike ivyo yari agiye kubona.

Yamara Yohana ntiyigeze abona neza ivyo ari vyo. Ntiyabitahuye ; ivyoyabonye vyari ivyo Imana yari yarungikiye Ishengero mu gihe caryo. Kandink'uko yama Ibikora, Ibitahuza abantu mu gihe c'uko bategerezwa kubitahura.Muri ico gihe ntiyabisiguye. Ni kubera iki ? Ni kubera ko yagombakubigumiza ari ibanga kugeza mu misi ya nyuma ; aho rero ni houbutumwa bw'umumarayika wa nyuma buzoca buvuza inzamba yokwegeranya ayo mabanga bugatako bukayatomora.

81 Ariko Yohana we ntakindi yabonye atari ifarasi y'igitare iserutse, irikon'uwuyigenderako ; ivyo rero ni vyo yaciye yandika. Icatumye abarirwa ngo : «Ngwino! » kw'ari ukugira ngo abone ivyo. Ni co gituma Yohana yaciye agendakuraba ico ari bubone ngo ace acandikira Ishengero. Abikoze, yaciye abonaifarasi y'igitare ; uwari ayicayeko yari afise umuheto akagenda anesha kandingo yame anesha, kandi ahabwa igitsibo. Ni uko rero, ivyo ni vyo Yohanayabonye, ni co gituma ari vyo yanditse gusa.

Murabona, vyerekanywe mu buryo bw'ibigereranyo. Ubwo ni bwo buryoIshengero ryabironsemwo, ariko ryari rifise isezerano ry'uko izobihishurira mumisi ya nyuma, Ikerekana ivyo ari vyo. Imana n'idufashe tubitahure!

82 Ariko ivyo bintu ntivyahishuwe mu buryo bunengesereye mu bihevy'Ishengero igihe cose Ubutumwa bugira indwi butari bwaze ari bwo bw'igiheca nyuma c'Ishengero.

Ni murabe ko intumwa y'ico gihe c'indwi idashinga idini nk'ukoabandi bose babigize. Oya! Muzosanga itaryemera. Mbega Eliyayarabirwanya? Cane nyene! Yohana Umubatizi (yari afise ya mpwemu ya Eliya) yarabirwanya ? Impwemu yari kuri Eliya yari imeze gute? Nta muntu n'umweazi vyinshi kuri Eliya. Yari umuntu asanzwe ariko yari uvugishwa na Yo.Yarankwa. Oh, bagenzi banje, yahagurutse mu gihe kimeze gute? Mu gihenyene Isirayeli yari yabaye rurangiranwa, igihe bari baguye mu vy'isi. Ico giheni ho yaciye aza avuye mu bugararwa. Yari umuntu atakunda abagore ! Habe nagato ! Yikundira ubugararwa . Ni yo yari kamere yiwe.

83 Abo bantu bari bakwiye kumenya ukuza ko uwo mugabo (YohanaUmubatizi) yari afise muri we iyo Mpwemu nyene. Ntiyari yambayenk'abahambaye, nk'uko nabivuze ejo ku mugoroba. Abo bo barakikira inzoya,bararongora bakagira n'ivyo guhamba, n'ibindi, ariko uwo mugabo we yaje avamu bugararwa nk'ikinyeshamba. Mbega yari igiki ? Yakunda ubugararwa.Kandi ikigeretseko, yaranka amadini ! Yaravuga ati : « Ntimuze kumbariramuti : turi ab'iri canke ririya!Kuko ndababwira ko muri aya mabuye nyene,Imana irashoboye gukuramwo abana ba Aburahamu. » Ntiyari umuntu apfa ivyoyemeye. Yesu yaravuze ati : « Mu bugaragwa mwagiye kurabayo iki ? Irengarihungabanywa n'umuyaga? Oh, oya!

84 Ico yakoze kindi ni igiki? Hari ivyo yabwiye Herodiya nk'uko hari ivyoEliya yabwiye Yezebeli. Yagiye agana Herode maze aramubwiraimbonankubone ati :« Ivyagezwe ntivyemera ko aba umugore wawe.» Ivyovyatumye bamuca umutwe. Yezebeli yagerageje gufata Eliya. Ya mpwemunyene yari Yezebeli yari muri uyo mugore. Ivyo nyene ni vyo biri mw'ishengero- Yezebeli rya kino gihe. Ni murabe ingene tuhakura icigwa gihambaye!Umengo abo bantu bari bakwiye kubimenya. Yohana atanguye gukarira baryabantu, bigaragara ko bari bakwiye kumenya yuko yari Impwemu ya Eliya. Ivyobari bakwiye kubitahura. Ni co yari ari.

85 Turabona rero, uko ibihe vy'Ishengero vyagiye bikurikirana, kotwasezeraniwe nk'uko Ivyanditswe bivuga kw'iyo mpwemu izogaruka nezana neza imbere y'uko igihe c'iherezo gishika. None si ukuri ? Ni mwitegerezekamere yiwe! Ntazotanguza ikindi gihe c'Ishengero nk'uko Luther yabigize,Wesley n'abandi bose. Ntazotanguza irindi Shengero, kuko ata kindi gihec'Ishengro gitegerezwa kuza. Ntakizokwongera kubaho! Ni co gitumaategerezwa kubirwanya, kuko impwemu yiwe itegerezwa kuba ya yindi nyeneya ca gihe, izoba ari ya mpwemu nyene . Nkuko nabivuze ejo ku mugorobanti : « Imana vyarayihimbaye kuyikoresha ibihetangabo gatatu.» Gatatu ni Igitigiri cayo ; si kabiri, ariko ni gatatu. Imaze kuyikoresha kabiri. Igiye rerokwongera kuyikoresha. Ni Yo nyene yabivuze. Yarabisezeranye.

86 Ubu rero, ni mwitegereze igihe ibikora. Ntazoshinga idini kuko igihec'Ishengero rya Lawodikiya ari ica nyuma kandi umumarayika w'indwi, ariwe ntumwa y'indwi ku gihe c'Indwi c'Ishengero, ni we muntu azohishuraivyo bintu vyose vy'amabanga bizohishurwa na Mpwemu Yera. Ni bangahebari hano ejo ku mugoroba ? Ni mutarike ukuboko. Ntibikenewe rero kondabisoma, murazi kw'ivyo biri mu ca cumi, si ko none? Uwazanye ihindagurika wese mu vyo gusenga yaza ngo ahindure Igihec'Ishengero caba caraguye c'imbere yiwe.

87 Hanyuma bamaze kuza kandibamaze kugira ivyo bahindura mu vyo gusenga mu gihe c'Ishengero mukugisubiza aho caba caravuye kikagwa, baca basubira mw'isi bagatanguza igihegishasha c'Ishengero. Ivyo ni vyo bamye bakora. Ibihe vyose. Twaramazekubibona. Murabitahura?

Mu yindi mvugo, harabayeho igihe c'ishengero rya Katolika, igihec'ishengero Katolika ry'Abaroma. Hanyuma haciye haza Luther uwahinduyeibintu mu vyo gusenga.Yakoze iki none ? Yaciye atangura kurwanya ashimitse,yiyamiriza inyigisho zizimiza z' ishengero. None yahavuye akora iki mu nyuma? Yaciye atangura gushinga ikintu gisa n'ico yari yaje kwiyamiriza: irindishengero ! Maze rero ikindi gihe c'Ishengero gica kiratangura.

Ariko ehe raba kw'ico gihe c'Ishengero na co nyene caguye mu madidaneakomeye. Ni ho rero haciye hashika John Wesley, uwundi yahinduye ibintu muvyo gusenga.Yaciye atanguza ikindi gihe c'Ishengero. Muratahuye ico nshakakuvuga ? Ikindi gihe c'Ishengero kiba kirashinzwe. Bose bari abahindura ibintumu vyo gusenga.

88 Ariko ni mwitegereze ibi : Iyo ntumwa ya nyuma y'igihe c'Ishengero canyuma si uwuhindura ibintu mu vyo gusenga; ni UWUVUGISHWA N'IMANA!Ntabwo ari uwuhindura ibintu mu vyo gusenga. Ni munyereke ahouwuvugishwa n'Imana yatanguje igihe c'Ishengero! Si uwuhindura ibintu muvyo gusenga, ni uwuvugishwa n'Imana. Abandi bo bari abantu bahindura ibintuvy'ugusenga ariko nta bwo bari abavugishwa n'Imana. Ijambo ry'Imana riza kuwuvugishwa na Yo [« Uwuvugishwa » ni we« Umuhanuzi » - U]. Ariko icatumye abandi barabandanije kubatiza bavugaamatazirano ari yo Data, Umwana na Mpwemu Yera kandi bagakora n'ivyobindi vyose ni kubera ko bari abahindura ibintu mu vyo gusenga batariabavugishwa n'Imana. Naho vyari uko bari abantu bakomeye b'Imana babonaibikenewe mu gihe baba barimwo. Imana yari yarabarobanuje amavuta,baratumwa maze baraheza barasambura. Ariko Ijambo ryuzuye ntiryaje kuribo kuko batari abavugishwa n'Imana : bari abahindura ibintuvy'ugusenga.

89 Mu misi ya nyuma uwuzoba ariho ategerezwa kuzoba ari uwuvugishwan'Imana agafata amabanga y'Imana kuko amabanga amenywa n'abavugishwan'Imana bonyene. Ni co gituma bikwiye ko haza umuntu nk'uwo. Murabona icongomba kuvuga ubu ? Ntashobora kuba uwuhindura ibintu mu vyo gusenga,ategerezwa kuba umuvugishwa n'Imana. Kuko bikwiye ko aba umuntuafise iyo mpano, kandi iyo mpano iba iri muri we ni yo itahura Ijambo.

Abahindura ibintu mu vyo gusenga bari bazi neza ko hari ikintu kitagendaneza. Luther yari azi ko mu vy'ukuri umukate utari umubiri wa Kristo, ni cogituma yigisha avuga ati : « Umugororotsi azobeshwaho n'ukwizera ». Ubwo nibwo bwari ubutumwa bwiwe. Igihe John Wesley yaza, yabonye ko hariho ukwezwa, ni co gituma yaciyeyigisha ku vy'ukwezwa. Ubwo ni bwo bwari ubutumwa bwiwe.154. Abapentekote bazanye ubutumwa bwa Mpwemu Yera n'ibindi. Ariko mumisi ya nyuma, muri kino gihe ca nyuma, intumwa ntizotanguza irindihindagurika mu vyo gusenga; ahubwo izofata amabanga yose yari yasizwe kuruhande n'abo bahindura ibintu mu vyo gusenga kugira ngo ayegeranye aceayasobanurira abantu.

90 Reka twongere tubisome. Ivyo ndabona ko ari ibintuvyiza kandi nkunze kubisoma : « Mbona umumarayika wundi w'inkomezi, amanuka ava mw'ijuru,yambaye igicu, no mu mutwe yari yambaye umunywamazi, mu maso hiwe hasan'izuba, amaguru yiwe asa n'inkingi z'umuriro ». Ibi bintu twaramaze kubibona, yari Kristo. Kandi tuzi ko Kristo yama ariIntumwa kw'Ishengero. Yitwa « Inkingi y'umuriro » «

Umumalayikaw'Isezerano », n'ibindi. Ngo « yar'afise mu minwe agatabo kazinguruye, (aha,Ibimatanije ca Gitabo vyari bimaze kumenwa. Ubu turiko turabimena, ariko ahoico Gitabo kiba cuguruye) ashinga ikirenge c'i buryo ku kiyaga, ic'i bumosoagishinga i musozi. Asemerera n'ijwi rirenga, nk'ukw'intambwe yivuga :asemereye, imituragaro ndwi ituragara amajwi yayo. Kand'imituragaro ndwiimaze kuvuga nariko ngira nandike. Numva ijwi rivuye mw'ijuru rimbarira, ritiMatanisha ishashara udomemw'ikimenyetso ivyo imituragaro ndwi ivuze,ntuvyandike. (Ntuvyandike !) Umumarayika nabonye ahagaze ku kiyaga n'imusozi, amanika ukuboko kw'i buryo, agutunga mw'ijuru, arahira ibaho ibihebitazoshira, yaremye ijuru n'ibirimwo, n'isi n'ibirimwo, n'ikiyaga n'ibirimwo,ati Ntibigitevye ( Murahabere maso ! Ivyo ntimuvyibagire mu gihe tuzoba turikoturabandanya) :

91 ariko mu misi y'ijwi ry'umumarayika w'indwi… »156. Umumarayika wa nyuma ni umumarayika wo kw'isi. Ariko uwo wundiMumarayika, We, amanuka ava mw'Ijuru. Si bamwe. Aza ava mw'Ijuru, arikongaha havugwa ijwi ry'umumalayika w'indwi. Umumarayika n'ukuvugaintumwa, bose ivyo barabizi. Ni intumwa y'igihe c'Ishengero. Ngo « ariko mu misi y'ijwi ry'umumarayika w'indwi, ah'azoba agira avuze inzamba, ni hoibanga ry'Imana (bimwe ndwi Bimatanije ca Gitabo, ya mabanga yose) rizobariheraherejwe, nk'uko yabariye abasavyi bayo ubutumwa bwiza, ni bobavugishwa na yo. »

92 ( Ivyah. 10 : 1 - 7).157. Ibanga ryose uko riri ryarahishuwe ; iryo ni ryo bango ry'igikorwa ry'uwomumarayika. Biraciye bugufi cane ku buryo abantu babica hejuru. Arikobizokwemezwa hose mu buryo butunganye. Bizokwemezwa mu buryobutunganye ! Uwifuza kubibona wese arashobora kubibona. Ni ivy'ukuri. IgiheYesu yaza, yavuze ati : « Nk'uko Yesaya yabivuze ati : Murafise amaso arikontimushobora kubona. Murafise amatwi ariko ntimushobora kwumva. » Oh, nari ngize ubwoba! Ndavye kw'isaha nibajije ko isaha zine zimazegushika ; ariko amahirwe nsanze isaha zitatu zitaruzura. Tubandanye.

93 Ni murabe (ivyo ndabikunda) ko abandi bari abahindura ibintu mu vyogusenga kuko bari abantu bakomeye b'Imana, babona ibikenewe mu gihe cabobagaca bazana ihindagurika mu vyo gusenga. Ariko Ivyahishuriwe Yohana 10bivuga ko ubutumwa bw'uwo mumarayika ari ubwo guhishura (atari ubwoguhindura ibintu mu vyo gusenga), bwo guhishura amabanga. Ni Ijambo mumuntu. Abaheburayo 4 havuga ngo Ijambo ry'Imana rifise ubugi burutaubw'inkota zose zisogota, rigatanya, rigahishura amabanga yo mu mutima. Uwomugabo rero si umuntu ahindura ibintu mu vyo gusenga; niumuntu « ahishura ». Ahishura iki ? Amabanga y'Imana. Aho ishengeroryaboshe vyose rikabidabadanga, azoza afise Ijambo ry'Imana aceahishura ivyo bintu kuko aza aje gusubiza ukwizera kw'abana ku kwa base. Ukwizera kwo muri Bibiliya kw'inkomoko gutegerezwa gusubizwahon'umumarayika w'indwi. Oh, mbega ukuntu ivyo ndabikunda ! Amabangayose y'Ibimatanije ca Gitabo ivyo abahindura ibintu mu vyo gusenga bataribarigeze gutahura!

94 Reka turabe muri Malaki 4 akanya gato.Ni muhandike. Ni uwuvugishwan'Imana agarukana ukwizera kw'inkomoko kwa ba data. Ni co gitumaturindiriye ko uwo muntu atangura igikorwa. Azoba aciye bugufi cane ku buryomu miliyoni cumi urwijije n'izindi cumi, akarwi gatoyi gusa ari ko kazotahuraibiriko biraba.

Ni mwibuke wa musi twabona ko igihe Yohana yategerezwa kuza, vyarivyaravuzwe n'abavugishwa na Yo ko intumwa izobanza kuza imbere yo kuzakwa Kristo ; ryari ijwi ry'umuntu asemerera mu bugararwa ; Malaki yariyarabibonye. Murabona, Igice ca 3 ca Malaki ni ic'ukuza kwa Eliyayategerezwa kuza gutegura ukuza kwa mbere kwa Kristo. Mwombariramuti : « Sinzi, mwene Data Branham. Ahubwo kubwanje ni igice ca 4. »Ndabasavye imbabazi! Yesu yavuze ko cari igice ca 3.

95 Ni mufate Matayo 11 : 10. Yesu ariko aravuga ivya Yohana, yavuzeati : «... uyo ni we yanditswe, ng'Umve ngira ntume integuza yanje imberey'amaso yanje.» Ni musome muri Malaki 3 : 1.

Bamwe - bamwe bahora bagerageza kubihuza na Malaki 4. Oya, si ukobiri ! Ni murabe ko muri Malaki 4, ubwo nyene iyo ntumwa imaze kwitahira,isi ica isha yose maze abagororotsi bakinjira muri ca gihe c'imyaka igihumbibagendagenda ku munyota w'abanyakibi. Gurtyo rero murabona ko muramutsemukoresheje ivyo mubihuje n'iyo mirongo ya mbere yo mu Vyanditswe Bibiliyayoba ikintu kitari ic' ukuri. Imyaka ibihumbi bibiri iramaze kurangira isi itarashan'abagororotsi ngo bayibeko. Ivyo rero bitegerezwa kuzoba muri kazoza.

Oh, bene Data, muzinguruye mu Vyahishuriwe Yohana mukaraba ico iyontumwa itegerezwa gukora kw'iherezo ry'iki Gihe, muzotahura ivyo ari vyo.Itegerezwa kuba uwuvugishwa n'Imana; itegerezwa gufata ivyo bintu vyaretswe,ivyo abahinduye ibintu mu vyo gusenga batabonye akabishira mu kibanzacavyo.

96 Mbega bashobora kugereranya gute Matayo 28 : 19 n'Ivyakozwen'Intumwa 2 : 38 batabihishuriwe na Mpwemu w'Imana ? Abo bantu bashoborabate kuvuga ko igihe c'ibitangaza carenganye n'ibindi bintu nk'ivyo ? Ni kuberayuko batagira uguhishurirwa kuva ku Mana ! Uguhishurirwa ni bwo buryobwonyene bwo kumenya ko ari ukuri canke ikinyoma, murabona ? Ariko baciyemuri za seminari ! Ndibaza ko mfise umwanya wo kubivugako. Ubu rerongomba nihute kuko ntashaka kuzobagumiza hano igihe kirenze iyinga imwe kubwo iyugururwa rya bino Bimatanije ca Gitabo. Bishobotse nashaka gusigazaumusi wo gusengera

abarwaye.

97 Ubu rero ni murabe ico muri Malaki 4 havuga : azoba ari uwuvugishwan'Imana azogarukana ukwizera kw'inkomoko kwa ba data. Mu gihe c'iherezohaca haza ikiringo ca ya mibabaro. Aha hariho ikintu duhava tugarukako mukanya. Aho hariho ya myaka itatu n'igice yo muri ya mayinga mirongo irindwiya Daniyeli (igice ca nyuma c'iyinga igira mirongo irindwi ya Daniyeli), imyakaitatu n'igice. Mbega ubu ni bangahe bibuka ko babibonye muri vya bihevy'Ishengero ? Amayinga mirongo irindwi yari yarashinzwe (ni murabe ukuntuvyari bitunganye!) hanyuma yayo Mesiya agaca aza, agakurwaho kugira ngoatangweko ikimazi iyinga rigeze hagati, hanyuma ikimazi gihora gitangwa ukobukeye kizokurwaho.

98 Haracasigaye rero imyaka itatu n'igice kugira inyigisho ya Mesiyaishikirizwe Abayuda kuko Imana itakorera mu Bayuda no mu banyamahangaicarimwe. Ikorana na Isirayeli nk'ihanga ariko mu mahanga ikorana n'umuntuumwe - umwe ku giti ciwe. Ntifata amahanga nk'Umugeni, ahubwo ifata abantuikabakura mu mahanga. Mu vy'ukuri ikorana na Isirayeli nk'ihanga, kuko ubuIsirayeli ari ihanga.

Uno musi naronse ikete ya Paul Boyd arimbariramwo ati : « Mwene DataBranham, ese ukuntu Abayuda batangarira amahanga, naho hari ivyabaye! » Ni ivy'ukuri, ni ibisanzwe!

99 Maritin Luther yaramenyesheje ko Abayuda bose bakwiye kwirukanwan'amazu yabo agaturirwa kubera ngo bari ba antikristo! Murabibona? MaritinLuther ubwiwe ivyo yarabivuze mu vyo yanditse.170. Kandi Hitler yashikije neza na neza ivyo Luther yari yaravuze. Ni ukuberaiki Martin Luther yari yaravuze ivyo ? Ni kubera yuko yari uwuhindura ibintumu vyo gusenga atari uwuvugishwa n'Imana. Imana kugira ihezagire Isirayeliikoresha uwuvugishwa na Yo. Yari yaravuze iti : « Abazoguhezagiranzobahezagira kandi abazokuvuma na bo nzobavuma ». Mbega uwuvugishwan'Imana yoshobora ate guhaguruka akarwanya ico uwundi yavugishwa n'Imanayavuze ? Ntiyobishobora!

100 Vyose bitegerezwa kuja inzira imwe. Ubudagi bwitwa ko ari ihanga ryagikristo, yamara ni murabe ukuntu bwagiriye Abisirayeli! Inkovu z'ico gihanoziracari kuri bo ; ntimushobora kubagiriza amakosa! Ariko aha ni haba harihoAbayuda bamwe - bamwe, ni mwibuke ibi : « Nta co bitwaye, igihe canyukirashitse ! » Imana ntishobora kubibagira. Bahumishijwe ku bwacu.172. Uwuvugishwa n'Imana yarasemereye avuga ati : « Mbega wokwibagiraIsirayeli ? »173. Imana yaciye imubarira iti : « Fata iri renga ry'ikigeresho : uce umbarirauburebure bw'Ijuru n'ubwina bw'ikiyaga ».174. Na we arishura ati : « Ivyo sinshobora kubigera.» Imana irongeraiti : « Ukwo nyene ni ko ntazoshobora kwibagira Isirayeli.» Ni ihanga ryayo, niabashumba bayo. Kandi mu bari mu mahanga yarabakuyemwo bamwe bamwekugira ngo babe mu bagize Umugeni wayo. Ni ukuri kwuzuye ! Ni Umugeni.

101 Ayo mayinga mirongo indwi yashinzwe neza na neza nk'uko Daniyeliyabivuze amenyesha ko Mesiya azoza hanyuma agakurwaho iyinga rigezehagati. Yesu yavugishijwe imyaka itatu n'igice kandi, nk'uko Daniyeli yariyarabivuze, iryo yinga rya nyuma rigeze hagati ( ari yo myaka itatu n'igice),yaciye akurwaho. Yamara igice ca nyuma ni igice ca ya mibabaro aho Ishengeroryo mu mahanga (Oh, mbega ukuntu ari vyiza cane! Ntibibacike!), Umugeni,yinjirana n'Umukwe wiwe. Hanyuma, ya myaka igihumbi ishize, uwo Mugeniaca asohoka agasiribanga umunyota w'abanyakibi.

102 Ngomba ndabereke ikintu kimwe. Tutaribagira ivyo bintu, ngira ndaberekeico Bibiliya ivuga ; kandi ntidushobora guhakana ko Bibiliya ari Ijambo ry'Imana ! Tubikoze tuba tutari abizigirwa ; dutegerezwa kuyizera. Mwovugamuti : « Sindayitahura ! » Na jewe ni uko nyene, ariko ni Yo nitega kugira ngoIyihishure. Ni mwumvirize ibi (Malaki 4 : 1) ngo : « Ehe raba, umusi uraje, waka nk'itanure ; abibone bose (nk'Abanyamerika n'abandi) n'inkozi z'ibibi zose bazoba ibishingwe (ivyobizosha !) ; kandi uwo musi ugira uze uzobatongora, ni k'Uhoraho Nyen'ingaboagize, nta n'agashitsi cank'agashami uzobasigarana. »

103 None rero muri ivyo wa muriro udahera muwubona hehe ? Ni imisi yanyuma, ni igihe ivyo bintu vyose biriko birahishurwa. Nta hantu na hamwe homuri Bibiliya havuga ko uwo muriro uzohoraho. Kugira ngo umurirouzohoreho, n'uko namwe mwoba mufise Ubugingo buhoraho kugira ngomushobore kuwugumamwo. Hariho ubwoko bumwe gusa bw'Ubugingobuhoraho, ni bwo turwanira. Igifise intango cose gifise n'iherezo. UmuriroWASHIRIWEHO wa murwanizi n'abamarayika biwe bazowutongorerwamwobagaherengetezwa. Ni ivy'ukuri, murabibona. Kandi ivyo ni vyashika, ntan'agashatsi canke agashami kazosigara. Ngo : « Ariko mweho abubaha izinaryanje izuba ry'ubugororotsi rizobarasira, rifise ugukiza mu mababa yaryo.Maze muzosohoka mukina matavu nk'inyana zivuye mu ruhongore. Kandimuzosiribanga abanyakibi ; bazoba umunyota musi y'ibirenge vyanyu ku musinzoshinga, ni k'Uhoraho Nyen'ingabo agize.»

Abanyakibi bazoba iki inyuma y'iyo mibabaro ? Bazoba umunyota ! Ngo : « Ni mwibuke ivyagezwa vy'umusavyi wanje Mose, amabwirizwan'ivyashinzwe, ivyo namugereye i Horebu kuba ivyo kuganza Abisirayeli bose.Umve nzobarungikira Eliya uwavugishwa nanje, uwo musi w'Uhorahouhambaye kand'utey'ubwoba utarashika ».

104 Amen ! Ukwo ni ko Isezerano rya Kera rirangiza rivuga kandi na rishashana ryo nyene rirangiza uko nyene. Ivyo mwoshobora kuvyanjanjwako? Nimurabe ibi, ngo : « Nzobarungikira Eliya, uwavugishwa nanje, IMBERE y'ukouwo musi ushika. » Iti : « Uwo ni we gisanganya azosanganya imitima ya ba se

n'iy'abana ;kugira ngo noye kuzoza ngatera isi umuvumo » Ni uko. Ni Ijambo ry'Imana. Yarabisezeranye. Ivyo bitegerezwa gushika.

105 Kandi ubu ni mwaba mubona ukuntu ivyo biriko birashika…Ukuntu Imanaibikora ni vyiza! Umugeni aca yegereza ari kumwe n'Umukwe kandi hanyumay'ivyo abanyakibi baca baturirwa mu muriro utazima. Hanyuma, isi imazekwezwa, izoca isubira i bushasha. Vyose bitegerezwa guca aho nyene, vyosebitegerezwa guca ku ntambwe y'ukwezwa. Ibirunga bizodombokwa muri icogihe ca nyuma gihambaye. Isi izopfundukamwo umuriro; iyo myanda y'icaha bon'ibiri kw'isi vyose, ivyo vyose bizoshongeshwa biherengetere. Ivyo bintubizoturirwa n'ikibengebenge gikaze ku buryo bizomera nk'uko wa muti ukuraamarabaga ukuraho ibara ry'irangi ukaritatanya. Gurtyo rero umuriro w'Imana uzoba ukaze cane ku buryo uzosubiza ibintu vyose vyanduye uko vyahora kera ;ivyo bizoba igihe Satani n'icaha cose bizoba bimaze gutongorwa n'ibindi vyose.Aho rero, isi izoca isubira kuba nziza nk'uko yahoze mw'itongo rya Edeni. Niivy'ukuri! Oh, mbega igihe ciza cane kiri imbere yacu !

106 Ehe rero ico nashaka ko mumenya ubu, ni ikintu gito nakuyemwo nca kumayange. Muri ico gihe ca ya mibabaro, Umugeni amaze kuzamurwa ishengerona ryo rikiriko riraca mu mibabaro, vya bihumbi 144 biba biriko birahamagarwana bamwe bashinga intahe babiri bo mu Vyahishuriwe Yohana 11. Murabona,abo bazovugishwa imisi 1260 bambaye amagunira.

107 Turabiye ku kirangamisi cacu c'Abaroma, dufise amezi y'imisi 28, 30 na31 ; ariko ikirangamisi c'ukuri gifise amezi y'imisi mirongo itatu gusa mazemufashe 1260 mukayigabura na 30, muca muronka neza na neza imyaka itatun'igice ; ni igihe catanzwe kugira ngo Ubutumwa bwa Mesiya bubwirweAbisirayeli, nk'uko ivyo vyamaze gukorwa ubwa mbere.183. Ni yagaruka akimenyekanisha mu buryo bw'ikigereranyo…

108 Igihe Yosefu yajanwa na bene wabo agatabwa, ni kubera ko yari umuntuwa Mpwemu yerekwa kandi akaba yarashobora gusobanura inzozi. Igiheyabikora yaciye ajanwa mu gahinga agurishwa intete z'ifeza zingana nka 20.

Yari ishusho ikwiye ya Kristo kuko Impwemu ya Kristo ari yo yari muriwe. Ni murabe rero ivyaciye bishika. Kandi ni mumenye ko ivyo bimazekumushikira yaciye atabwa mw'ibohero; kandi aho, umuntu umwe yarakizeuwundi araranduka. Nk'uko nyene vyabaye kuri Yesu igihe yashirwamw'ibohero k'umusaraba. Umwambuzi umwe yarakize uwundi ararанduka.Gurtyo nyene ! Yosefu yatawe mu rwobo amera nk'uwapfuye, hanyumabarumukuramwo aca ajanwa i buryo bwa Farawo ku buryo ata muntu n'umweyashobora kubona Farawo atabanje kubona Yosefu. Yesu yicaye i buryobw'Imana kandi nta muntu n'umwe ashobora kuja kuri Data adaciye kuMwana ! Ni ivy'ukuri !

109 Kandi ni mumenye igihe Yosefu yaba ahagurutse ava i buryo bw'iyontebe ; haca haba iki ? Imana ihabwe icubahiro ! Yosefu yaba yicaye Iburyo bwaFarawo maze avuye hasi kugira ngo ave kuri iyo ntebe inzamba yaca isamiranaimenyesha iti : « Pfukame mwese ! Yosefu araje ! »

Igihe uwo Mwagazi azoba avuye ku Ntebe, hariya mw'Ijuru, akarangiza n'igikorwa ciwe c'ubuhuza kiri, igihe azoba avuye kuri ya Ntebe, agafata caGitabo c'Ubucunguzi ace yegereza, maze amavi yose azoca apfukama! Ngo nguyo Araje!

110 Ni murabe ko Yosefu yahawe umugeni avuye mu mahanga amazegushiburwa na bene se. Farawo yaciye amuha umugeni avuye mu mahanga,maze amuvyarira abana, bari hagati na hagati batari abanyamahanga ntibaben'abayuda. Aho tuhafitiye ikigereranyo ciza cane c'ivyabaye ca gihe Yakoboyabahezagira. Efurayimu ari ku ruhande rumwe, Manase na we ku rundi. Acaanyuranya amaboko kugira ngo ahezagire mutoya muri bo maze abo bana babiribaca barongerwa ku gitigiri c'imiryango, gurtyo ica iba cumi n'ibiri. Kandiyabahezagiriye muri Yakobo ubwiwe; aho Yosefu, umuhungu wiwe yavugishwan'Imana yari aho, aravuga ati : « Data, wihenze, umuhezagiro wawe w'ukubokokw'ukuryo wawushize ku muhererezi, kandi wari ugenewe imfura ! »189. Yakobo yaciye yishura ati : « Ndazi ko amaboko yanje yanyuranye, arikoImana ni Yo yayanyuranije.» Ni ukubera iki ? Isirayeli, ari na yo yari ifiseuburenganzira bwo kuba Umugeni, yaravyanse maze igurisha ivyo kubasamuragwa kwayo; uko ni ko vyaciye biva ku mpfura ari yo Isirayeli bikaja kumuhererezi, ari bo banyamahanga kandi imihezagiro ikaba yavuye kuri umweikaja ku wundi biciye ku musaraba.

111 Ni mwihweze ukuntu yabiriye umugeni wiwe. Ariko igihe abahungu baYakobo bamanuka muri Egiputa kurondera ivyo kurya… Oh, ni ikigereranyociza cane! Namaze kuva mu vy'Ikimatanije ca Gitabo, ariko vyari bikwiye kondabivuga kuko nibaza kw'ivyo bituma mubibona neza. Nuko rero igihe baja kugura ivyo kurya, murazi ko Yosefu yaciyeabamenya ubwo nyene. Yamara Yosefu yari umwana afise ikiganza ciza ; ahoyaja hose yaguma atunganirwa. Ni murindire umwe Yosefu wacu aze kw'isi!Ubugararwa buzoca bushurika nk'ishurwe ryitwa ikirungu maze Izubary'ubugororotsi na ryo rizoca rirasa rifise ugukiza mu mababa yaryo. Oh, beneData, ivyo biti vy'ibihahe vyose vyo muri Arizona bizoca rero bisagarara bibeibiti vyiza ! Bizoba ari vyiza cane !

112 Niho rero Yosefu yaza, amera nk'uwubihisha. Yarahagaze imbere yabomaze arababaza ati : « So aracariho? » Murabona ko yagomba kumenya yuko sew'abo bagabo akiriho. Baravuga bati : « Ego me. »

(Yosefu yari azi ko ari benese).

Ariko ivyo mwari mumaze kubibona ? Mu gihe yari yiteguriyekwimenyekanisha kuri bene se akabona ka Benyamini kari kavutse amazekugenda (agereranya ba bayuda, vya bihumbi 144 biriko biregerana ubu uhereyeigihe Yesu yagenda), yaciye araba Benyamini, umutima wiwe uca utanguraguhuzagizwa cane. Ni mwibuke ko bene se batari bazi ko yavuga igiheburayo.Yari yazanye umusobanuzi maze akigira nk'aho ari umunyegiputa.Murabibona?

113 Maze rero igihe yimenyekanisha (kandi yashaka kwimenyekanisha),yabandanije yitegereza ka Benyamini. Nimwibuke ko yari yajanye kureumugeni wiwe. We yari mu ngoro igihe Yosefu yibarira bene se. Ukwo ni kwonyene na Yesu yakuye Umugeni mu mahanga amaze kwankwa n'ihanga ryiwebwite, n'umuryango wiwe bwite maze uwo akaba azomukura aha kuri ino siakamujana mu ngoro, mu ngoro ya Se mu bwiza kugira ngo aje mu Mazimanoy'ubukwe, hanyuma azoca amanuka bidatevye kugira ngo aje kwimenyekanishakuri bene se, ari bo vya bihumbi 144. Ni ho azoba ari. Ni mwibuke ko ivyobigereranyo bitunganye.

114 Yosefu agarutse aho ivyo bintu vyariko birabera yaciye abitegereza ; baribatanguye kuvugana hagati muri bo. Bavuga bati : « E mugabo Rubeni,karatubanye ! Kuko urazi ico twakoze ico ari co. Wa mwana twamutaye murwobo ; ntitwari dukwiriye kugurisha uwo tuvukana! » Kandi uwo mwene se,umutware ahambaye, yari ari imbere yabo ariko ntibarushe bamumenya!196. Ni co gituma uno musi Isirayeli idashobora kumumenya. Igihe cokumumenya ntikirashika. Yosefu yavuga ko atazi igiheburayo, yamara ivyobavuga vyose yarabitahura.

115 Bo baravuga bati : « Karatubanye ! » Ariko Yosefu we, yitegereje,ntiyashoboye gukomeza kuvyihanganira. Ni mwibuke ko umugore wiwen'abana biwe bari bari mu ngoro muri ico gihe (abera baba bagiye, batakirikumwe na bo) ; maze rero aca arababwira ati : « Ndi Yosefu, mwene so. »198. Maze rero aca yirukanga atumbereye ka Benyamini, akarwako aca atangurakurira. Hanyuma aca arabibabarira.

Maze rero barabwirana bati : « Ivyo vyategerezwa kudushikira kukotwamugurishije. Ni twebwe twamwigurishirije. Twebwe ni twe twageragejekumwica; ubu rero turazi ko ahava atwica.»

Ariko we aca avuga ati : « Oya, ntimwiteko umwikomo. Ivyo mwabikozekugira ngo muze mukire. Ico ni co catumye Imana indungika hano. » Bibiliyaivuga kw'igihe Yesu azokwimenyekanisha kuri vya bihumbi 144, ni ukuvuga kaBenyamini ka none n'amasigarira y'Abayuda basigayeyo, bazovuga bati : « Izonguma wazikuye he ? Ibiganza vyawe babigize iki ? »201. Azoca yishura ati : « Nazikuye mu nzu y'abakunzi banje.»

116 Ni ho rero bazoca bamenya ko umwe bica yari Mesiya. Ariko azoca avugaiki ? Azovuga nk'uko Yosefu yavuze, ati : « mwabikoze kugira ngo muzemukire. Ntimukiteko umwikomo. » Kuko abanyamahanga batari gushoborakwinjira iyo Abayuda badahumishwa. Uko ni ko Imana yakijije Ubugingo bw'Ishengero icishije mu bintu Abayuda bakoze. Ni uko biri, ni co gituma uno musi badashobora kubitahura : ni uko igihe kitarashika.

117 Na twebwe nyene ntitwari gushobora kubitahura igihe co kubitahura kitarashika. Ya mituragaro ndwi yo mu Vyahishuriwe Yohana! Ese Imana yokwerekaUmugeni uko akwiye kwitegurira kwakira ukwo kwizera guhambaye kwokuzamurwa! (twihute rero ubu, kuko dusigaje iminota nka cumi n'itanu cankemirongo ibiri). Iyo farasi y'igitare isobanura iki? Reka tubisome. Namaze kuja kure yavyocane! Ni mumbabarire kuba ntagumye mu vyo twariko turiga. Ngira nongerensome imirongo ibiri yo mu Vyahishuriwe Yohana 6 : 1- 2 : Mbona Umwagazi w'Intama amena kamwe muri twa dushashara ndwitumatanije ca gitabo : numva kimwe muri vya binyabugingo bine kivuga nk'ijwiry'inkuba, kiti Ngwino. Mbona ifarasi y'igitare, kand'uyicayeko yar'afiseumuheto, ahabwa igitsibo (ntiyari bwakironke), agenda anesha, kandi ngo yameanesha.» (vyose biri aho. Ico ni kimwe mu bimatanije ca Gitabo).

118 Ubu rero turondere ibigereranyo. Twabonye ico umuturagaro usigura.Turabizi neza cane : umuturagaro ni ijwi ry'Imana ryumvikana iyo Ikimatanijeca Gitabo kimenywe.

None rero ifarasi y'igitare isigura iki ? Aha ni ho habonekerauguhishurirwa ; kandi ndazi ko ari Ijambo, nk'uko ata wokekeranya ko ndingaha. Narasomye ibitabo vyose nashoboye kuronka bivuga kuri ivyo. Igihenaherukiyeko kugerageza kuvuga kuri ivyo haraciye nk'imyaka mirongo itatu,ndavyigisha gusa, nari nakoresheje igitabo… Hariho umuntu umwe yariyarambariye ko ata we yoba azi afise umuco ku vyerekeye ukuza kwa kabirikwa Kristo nk'uwo Abaventisi bafise. Gurtyo rero naciye ndondera ibitabobimwe - mu bitabo vyabo vyiza kurusha ibindi kugira ngo ndabisome. Ncamfata igitabo ca Smith kivuga ku vyo Daniyeli yahishuriwe. We yavuga ko iyofarasi y'igitare yariko iragenda yari iy'igitare kandi ngo ikaba yari ikigereranyoc'uwunesha, kandi ngo mu gihe c'intambara yayo... benshi muri mwebwe beneData b'Ababaventisi muri hano murazi ico gitabo, n'abandi bene Data benshibagisomye. Ndamaze gusoma n'ibindi bibiri canke bitatu : vyose vyarahurizahamwe bivuga ko ari ivy'ukuri. Abanditsi bavyo bari abigisha beza bitwa yukobari mu ba mbere, bafise umuco kuri ivyo bintu kurusha abandi. Ivyo vyatumyenibaza nti : « Ewe, namba ntabizi, nzovuga ico bavuga, nzogerageza kwigishank'uko bibigisha.

» Ivyo bintu babiha insiguro nziza cane ku vyo vyasobanurakoko.

119 Smith yavuga ati : « Ehe ifarasi y'igitare; ifarasi y'igitare ni ububasha, niifarasi yo ku rugamba.» Yarongera akavuga ati : « uwo muntu yicaye kw'ifarasiy'igitare yari Mpwemu Yera yari aserutse mu gihe ca mbere akakigaruriraUbwami bw'Imana. Yari afise umuheto mu kuboko kwiwe, bisobanura ko yari ameze nka Cupidon[« Cupidon » cari ikigirwamana bavuga ko gitanga urukundo- U ]. Carasa imyampi y'urukundo mu mitima y'abantu, imyampi y'urukundo rw'Imana maze akanesha.»

Ivyo bifise ishusho nziza cane, ariko si ukuri, haba na mba! Ntivyari ivyo.Icera gisigura ikigororotse. Ivyo turabizi neza cane. Ibara ryera ryerekanaubugororotsi ; abigisha bigishije ko yari Mpwemu Yera yagenda anesha muGihe ca mbere. Ariko ivyo nahishuriwe na Mpwemu Yera kuri ivyobiratandukanye na vyo. Ivyo nahishuriwe na Mpwemu Yera bivuga ko Kristo na MpwemuYera ari Umwe gusa, ariko gusa ni mu mero itandukanye. Aha hari Kristo,wa Mwagazi w'Intama. Turazi ko yari Umwagazi w'Intama. Ari aho, ahagaze,afise ca Gitabo mu minwe mu gihe uwugendera kw'ifarasi y'igitare yari agiye.Murabibona? Uwo agendera kw'ifarasi rero ntiyari Mpwemu Yera.

120 Iryo ni ibanga rimwe ryo mu mabanga yo mu misi ya nyuma : Kristoyoshobora ate kuba abantu batatu bari muri Umwe ? Si abaperesona batatubatandukanye ; Data, Umwana na Mpwemu Yera boba ari Imana zitatu nk'ukoabanyabutatu bagerageza kubitwizeza. Ni uburyo butatu bwo kwiyerekanabw'umuperesona umwe nyene. Ivyo dushobora kuvyita ko ari ibikorwa bitatuvy'umuperesona umwe. Ndiko ndavugana n'abavugabutumwa sinzokoreshaijambo « akazi » (sinkwiye kwibagira ko bariko baramfata amajwi).Birumvikana ko Kristo atari gushobora kuvuga ati : « Nanje nzosaba igikorwacanje na co kizobarungikira ikindi gikorwa ! » Turabizi. Ariko ni mwabamushaka, reka tuvuge ko ari ibikorwa bitatu vya ya Mana nyene. Si Imanazitatu, ariko ni ibikorwa bitatu vya ya Mana nyene. Gurtyo, Kristo yarigushobora gute kuba ari harya, arwanira kw'ifarasi y'igitare kandi muri uwomwanya nyene akaba ari aha afise igitabo mu minwe? Si uko biri ; si Kristo rero.

121 Ni mumenye rero ko uguhishurirwa ku vyerekeye Mpwemu Yera naKristo ari uku gukurikira : Ni uko Mpwemu Yera ari Kristo mu yindimero. Ni ukuri. Ni murabe ko ari Umwagazi w'Intama yazinguruye ca Gitabo,kandi uwo Mwagazi w'Intama akaba ari We Kristo ; kuva ico gihe ntahodusubira kubona Kristo atari ku Gice ca 19 co mu Vyahishuriwe Yohana ahoKristo aza kw'ifarasi y'igitare. Ni mwaba mugomba ku bisoma reka dufateIvyah. 19 :11- 16. Reka tuhasome n'ingoga tugifise umwanya ukwiye. « Mbona ijuru ryuguruye, kandi mbona ifarasi y'igitare ( aha si kw'isiariko ni mw'ijuru) , uyivyagiyeko yitwa Mwizigirwa, irindi ni Munyakuri. Acaamateka akarwana intambara mu bugororotsi. Inyonga ziwe ni imbeyaz'umuriro, no mu mutwe yambaye imigara myinshi (nimwiyumvire kuri iyomigara), kandi afise izina ryanditswe, nta wurizi atari we wenyene ».

122 Ngomba kubanza guhagararira ngaha akanya gato. Ndibaza ko ata n'umweazi ibi. Mwari bwamenye ko izina « Yehova » ritavugwa uko riri? Benshibarabizi. Mwigisha Vayle, urazi ko ari ukuri. Abarishize mu zindi ndimintibigeze babishobora. Urudome ku rundi rivugwa ngo : J -V - H - U. Nta bwoari Yehova. Ntibarishoboye. Ntibazi ivyo ari vyo. Bayise Yehova, ariko iryo siryo zina ryayo. Ni mwihweze : mu gihe cose haba habonetse intsinzi cankehari ikintu gishitse, izina rica rihinduka.

123 Ni murabe ivyabaye mu gihe ca Aburahamu. Ubwa mbere yitwa Aburamu,ariko ntiyigeze aronka akana izina ryiwe ritarahindurwa ngo ribe Aburahamu.Kandi na Sarayi nyene yagumye ari ingumba kugeza izina ryiwe rihinduwerikaba Sara.

Yakobo risobanurwa ngo « Intonyotsi », ingunge, kandi ni na kwo yariameze. Yiyambitse urusato rw'umwagazi w'impene abona guhenda se,uwavugishwa n'Imana kugira ngo anyage umugabane w'umwana w'imfura.Yarafashe amashami y'igiti citwa umulebeni ayashira mu mazi ateza ubwobaibitungwa bifise amezi kugira ngo bize bivyare imyagazi ifise amabaray'ibigabo. Nta kindi yari ari atari ingunge. Ariko hari ijoro rimwe yacakiyeikintu c'ukuri. Yaciye amenya ko ari ic'ukuri, aca arakigumya acumirakokugeza anesheje ; maze izina ryiwe rica rirahindurwa riba Isirayeli, bisobanurwango « umwami afise ubushobozi imbere y'Imana ». Si ukuri none?

Simoni yari umurovyi ; ariko igihe ukwizera kwiwe kwaronka ahogushinga imizi maze akamenya ko yari Yesu, igihe Yesu yamuhishurira ko ariWe Mesiya, akamubwira izina ryiwe n'izina rya se, yaciye atsindwa maze izinaryiwe rirahinduka, ryari Simoni rica riba Petero.

Sauli ryari izina ryiza ! Muri Isirayeli harigeze kubaho umwami yitwaSauli. Ariko iryo zina ntiryari rikwiye kwitwa intumwa. Gurtyo rero Yesuyaciye ahindura Sauli arigira Paulo. Ni murabe ba bana b'inkuba n'abandi bose.

124 Ku vyerekeye Yesu, izina ryiwe kw'isi ni umucunguzi ari we Yesu. Igiheyari ari kw'isi, yari umucunguzi. Ni ivy'ukuri. Ariko igihe yarwanya rupfu nakuzimu akabitsinda, agaca aduga mw'Ijuru, yaciye aronka Izina risha. Nico gituma, naho abantu basemerera nk'uko babigira, ataco baronka na kimwe :rizohishurwa muri ya mituragaro.

125 Ni wihweze iryo banga. Uwo agendera kw'ifarasi aje ayiriko. Hategerezwakubaho ikintu gihindura iri Shengero, murabizi. Hategerzwa kubaho ikintukanaka! Ni mubimenye neza. Nta muntu n'umwe yari arizi atari We gusa. Nimumenye neza ko ata muntu n'umwe yari arizi atari We wenyene. « Yambaye impuzu zajobetswe mu maraso, kandi yitwa Jambo w'Imana.Ingabo zo mw'Ijuru ziramukurikira, zicaye ku mafarasi y'ibitare, zambayeimpuzu nziza zera derere, zitanduye. Mu kanwa kiwe havamwo inkota ikarishe, kugira ngw'ayikubite amahanga : azoyaragiza inkoni y'icuma.Kand'aganishiriza ibirenge mu bgato vino y'uburakebw'inkazi bw'ImanaIshobora vyose. Kandi ku mpuzu ziwe no ku kibero, afise izina ryanditsweko,ng'UMWAMI W'ABAMI, UGANZA ABAGANZA »

126 Ng'uwo Mesiya araje! Ng'uyu We, ariko si wa wundi ari kuri ya farasiharya ! Ni mwihweze aho batandukaniye! Ahagaze ngaha, afise ca Gitabo mukuboko kwiwe. Igikorwa co gucungura kiba kirangije ariko ntaba arafataikibanza ciwe.220. Nuko rero uwariko aragenda ntiyari Kristo, ntiyari Mpwemu Yera. Si ukonoba nshaka kudahuza n'abo bantu bahambaye. Oh! oya, si uko ndavyipfuza,ariko ni ko nabihishuriwe. Ni mwaba mufise ikindi kidahuye n'ibi, ni vyiza canekuri mwebwe, ariko si kuri jewe. Jewe uko ni kwo ndavyizera.

127 Ni murabe neza ko uhereye ico gihe atawongera kubona Kristo. Ariko arikw'ifarasi y'igitare, gurtyo rero uwo muntu ni yaba agendera kw'ifarasiy'igitare, ni uko ari uwigana Kristo. Ivyo mwabitahuye ? Ni murabe yukouwo agendera kw'ifarasi y'igitare we atagira izina na rimwe; yashoboragukoresha amatazirano abiri canke atatu, ariko nta zina na rimwe afise! YamaraKristo we arafise Izina! Ni irihe ? Ni JAMBO W'IMANA! Ngo « Ubga mberena mbere Jambo yariho, kand'uwo Jambo yahoranye n'Imana, kand' uwo Jamboyar'Imana ». Kandi Jambo yihaye umubiri.

128 Uwo agendera kw'iyo farasi nta zina afise, ariko Kristo we yitwaJambo w'Imana. Ni co ari. Uko ni ko yitwa; arafise Izina ata muntun'umwe arizi, ariko yitwa Jambo w'Imana. Uwo muntu we, nta zina narimwe bamwita, yamara agendera kw' ifarasi y'igitare.

Uwo ayigenderako nta myampi afise yo gushira mu muheto wiwe ;mwabibonye ? Afise umuheto ariko nta kintu na kimwe kivugwa ku vyerekeyeimyampi ; ategerezwa rero kuba ari umwiyorobetsi. Ni ivy'ukuri ! Kumbure koafise imituragaro myinshi, ariko itagiramwo imiravyo ; ariko murabona koKristo we abifise uko ari bibiri : umuravyo n'umuturagaro, kuko mukanwa kiwe havamwo inkota ikarishe y'ubugi bubiri ari na yo akubitishaamahanga, yamara uwo muntu we nta na kimwe ashobora gukubita ; ico akoragusa ni ukwiyorobeka. Agendera kw'ifarasi yera, azanywe no kunesha.

129 Kristo yari afise inkota ikarishe kandi, ibi ni mubitege amatwi, iyi nkotayava mu kanwa kiwe : Ni Ijambo Rizima! Ni Ijambo ry'Imana ryahishuriweabashumba bayo nk'uko yabibariye Mose ati : « Genda uhagarare harya, ushirehejuru inkoni yawe uce uhamagara ibibugu! ». Kandi haciye habaho ibibugu!Nta nkeka. Ico yavuga cose Imana yaca igishitsa kandi caraba. Ni Yo Jamborizima. Imana n'Ijambo ryayo ni kimwe. Imana ni Jambo.

None rero uwo agendera kw'ifarasi w'akabanga w'igihe ca mberec'Ishengero ni nde ? Ni muvyiyumvireko. Uwo agendera kw'ifarasi w'akabangamu gihe ca mbere c'Ishengero kandi akaguma abandanya kugeza n'aho yinjiraatumbereye mu guhoraho ari na ho azoba ashitse kw'iherezo ryiwe?

130 Ica kabiri kimatanije ca Gitabo kiraseruka kigaca kigenda cerekejekw'iherezo. Ica gatatu kimatanije ca Gitabo kiraseruka kigaca kigenda cerekejekw'iherezo. Ni nako biri no ku kigira kane, ku kigira gatanu, ku kigira gatandatuno ku kigira indwi kimatanije ca Gitabo ; kimwe cose kigenda kizingurukakandi uburuhiro kikaja guhereza kw'iherezo.

Gurtyo, mu gihe c'iherezo ivyo bitabo birimwo amabanga vyarivyarazinzwe muri ivyo bihe vyose niho bica bizingururwa. Ubu rero ibanga ricarija ahabona kugira ngo tubone ico ari co. Ariko mu bisanzwe ayo mabangayatanguriye mu gihe ca mbere c'Ishengero kuko Igihe ca mbere c'Ishengerocahawe Ubutumwa nk'ubw'iki gihe nyene.

Uwugendera kw'ifarasi y'igitare yarasokorotse. Ni nde ? Arin'ububasha mu bushobozi bwiwe bwo kurwana anesha. Ni umuntuakomeye kubwo ubushobozi bwiwe bwo kunesha. Murashaka kondababarira uwo ari we ? Ni antikristo. Ukwo ni ko ari koko!

Yesu yaravuga ko abo babiri bazoba begeranye cane rwose ku buryoyozimije n'abatoranijwe (Umugeni) iyo biba ari ibishoboka. Ni antikristo!

131 Ni mwibuke ko mu bihe vy'Ishengero, ca gihe twiga ku gihe ca mbere,twarabonye ko Mpwemu Yera hari ikintu kanaka yanka cari catanguye muri icogihe c'Ishengero kandi na co cari « ibikorwa vy'abanikolayiti.»Muravyibuka ? « Niko » risigura ngo « kwigarurira », layiti risigura «ishengero », abanyeshengero. Abanikolayiti, ni abigarurira abanyeshengero,bagakura Mpwemu Yera mw'ishengero maze bagaca bazeza ibintu vyoseumuntu umwe yitwa ngo ni umweranda kugira ngo uwo muntu abe segabamuri vyose. Ivyo vyose twarabibonye. Ni « inyigisho y'abanikolayiti ». Nimurabe ko inyigisho y'abanikolayiti cari ikintu cavugwa mw'ishengero ;hanyuma mu gihe c'Ishengero ryakurikiye, ico kintu gica

kiba inyigisho.Muri ico gihe ca mbere, babishize mu ngiro ; hanyuma haca habaho InamaNkuru y'i Nikaya. Aho rero ni ho baciye babigira inyigisho yomw'ishengero.

132 None inkurikizi ubwo nyene yaciye iba iyihe ? Haciye havamwo idini. Siukuri none ? Ni mumbarire aho idini rya mbere ryaturutse, ari ryo shengero ryaKatolika ry'i Roma ! Mbega Ivyanditswe mu Vyahishuriwe Yohana 17 : 5ntibivuga ko ryari malaya kandi n'abakobwa baryo bakaba bari ba malaya ? Ukoni na ko bimeze ku bantu bose bifatanije na ryo : ni ba malaya ! Bafashe ibizira n'imyanda y'ubusambanyi bwabo babigiramwo inyigisho, ivyagezwe n'umuntubiba ari vyo bigisha.

133 Ni murabe ko yahagurukijwe no kuja kunesha. Ni murabe ko ata gitsiboyari afise ( aha ndiko ndavuga umwe agendera kw'ifarasi y'igitare). Hanyumayaciye ahabwa umuheto n'igitsibo. Agitangura nta gitsibo yari afise, arikoyaciye ahabwa igitsibo. Ni murabe ko yahavuye ahabwa igitsibo. Mbereyahawe bitatu, bitatu biri muri kimwe. Ivyo vyabaye haciye imyaka amajanaatatu, muri ya Nama Nkuru y'i Nikaya, igihe uwo agendera kw'ifarasiyatangurana impwemu y'ikinikolayiti kugira ngo atanguze idini mu bantu ;hanyuma ivyo vyarabandanije, bica bicika ikintu cavugangwa, birahezabicika inyigisho.

134 Muribuka Kristo abwira ishengero, ko yavuze ati : « Arikw'ic'ufise n'ukowanka ibikorwa vy'abanikolayiti, ivyo nanje nanka ». Yamara uwo yageragejekunesha mu gushira Ivyanditswe vyera mu maboko y'umugabo umwe rudendeavugwa ngo n'umweranda, ari we rero yaciye aronka ububasha bwo guhariraivyaha vyose. Kandi duhejeje gusoma ahantu Paulo abivugako, ko mu gihe canyuma, ico kintu kizoshinga imizi kandi kikaba kizoshobora guhishurwa mumisi ya nyuma gusa. Ico gihe uwukibuza akuraho Mpwemu w'Imana gice kijaku mugaragaro.

Uno musi yiyoberanije mw'ifarasi y'igitare. Ni mwitegereze mu minotamike ukuntu aja guhindura iyo farasi y'igitare, uretse ko ahinduka ifarasiy'igitare araja no kuba igikoko c'imitwe myinshi n'amahembe menshi.Murabona ! Ubu rero ari kw'ifarasi y'igitare aba ariko arazimiza kandi ico ni cogituma muri ico gihe cose abantu batamumenye. Baravyiyumvira, ariko ubu hobiri aha; bigira bihishurwe n'Ivyanditswe.

135 Ni murabe ko mu nyigisho y'ikinikolayiti, antikristo uburuhiro acayinjira mu muntu, hanyuma agaca ahabwa igitsibo. Igihe yatanguramw'ishengero nk'impwemu y'ikinikolayiti, yari impwemu. Ntimushoborakwambika impwemu igitsibo ; ariko haciye imyaka amajana atatu, yaciyeiba umupapa! Ni ho rero baca bamwambika igitsibo. Mu ntango nta gitsiboyari afise, ariko haciye igihe iyo mpwemu imaze kwambara umubiri yaciyeyambikwa igitsibo. Yaciye icika umuntu. Inyigisho y'abanikolayiti icitseumuntu, ni ho rero bayambika igitsibo. Kare ntibari gushobora kubikora kukoico gihe yari ikiri inyigisho gusa. Oh, Imana ihabwe icubahiro!

Ni murabe ko uwu Mpwemu Yera dufise igihe azokwambariraumubiri muri twebwe maze Umwe ari hagati yacu ubu mu mero yaMpwemu Yera agaca yiyambika umubiri muri twebwe ari muri YesuKristo, niho tuzoca tumwambika igitsibo cerekana ko ari Umwamiw'abami ! Ni ivy'ukuri !

136 Ni mwibuke ibi : nko mu gihe nyene Kristo aje ku Ntebe y'Ubwami,antikristo nawe yaciye aza ku ntebe yiwe, yari Yuda. Kandi nko mu gihe nyeneKristo avuye kw'isi, Yuda yaciye ava kw'isi, nko mu gihe nyene Mpwemu Yeraagarukiye, antikristo nawe yaciye agaruka.

Murazi ko Yohana yavuze ati : « Bana bato, singomba ko mutamenya koantikristo yamaze kuza kandi akaba akorera mu bana b'intabarirwa.» Hanyumarero antikristo yaciye ahera aho kwigisha impwemu y'abanikolayiti kugira ngoashinge idini. Ntibitangaje kubona ivyo bintu naravyanse ! Ni uko biri ! Ntiyari jewe.Cari ikintu cari kiri muri jewe. Vyari ivyo bintu hayuma bica bijaahabona. Murabibona? Nahora ndabica i ruhande, ariko kugeza ubu sinaribwashobore kubibona. Ubu rero ni murabe rero iyo mpwemuy'ikinikolayiti Imana yamye yanka . Ubu iyo mpwemu yarambaye umubirimaze baca bayambika igitsibo. Ni muri ico gihe nyene Bibiliya ivuga kobazoca babikora. Ni uko nyene biri! Oh, bene Data!

137 Yambaye umubiri. Yabaye iba umuntu baca barayambika igitsibo. Nimwongere musome ukuntu Daniyeli yabivuze bitaraba yuko izokwigaruriraubwami bw'ishengero. Reka dufate Daniyeli 11 : 21 maze turabe ico avugangaha ku vyerekeye ukuntu uwo muntu azobwigarurira. « Bukeye mu gishingo ciwe hazovyuka umuntu w'inkengerwa (ahoyavuga Uburoma), atahawe icubahiro c'ubwami (ubu rero, ni mwumvirizeneza) ; arikw'azoza mu gihe c'impore, yironkeshereze ubgami ubuhemanyi ».

138 Ico ni co yakoze nyene, ari na co Daniyeli yavuga ko uwo antikristoyokoze. Azokwishushanya n'uko abantu bameze. Azokwimenyereza ivyoamashengero y'ico gihe azoba afungura. Kuko muri iki gihe c'Ishengero abantuntibashaka Ijambo ari ryo Kristo ; ariko bishakira « ishengero ». Ntibazokubazako uri umukristo, ariko bazokubaza bati : « Muri mw'ishengero irihe ?Mw'ishengero irihe ? » Ntibakeneye Kristo ari We Jambo. Genda ubabwireIjambo kandi ubabwire uko bokwitunganya! Ivyo, ntavyo bakeneye. Bo bakeneye ikintu kibarekurira kwigenza uko bashaka mugabo bakababari mw'ishengero kandi bakaguma bashinga intahe zabo. Aho, antikristoahababahera ibihuje neza n'ivyo bipfuza. Kandi ni murabe ko impera n'imperukamuri Bibiliya yaruhiye kwitwa « umugore ». Yari malaya kandi yaravyayeabakorwa. Ivyo birahuye neza n'impwemu y'iki gihe, bihuye n'ivyo abantubashaka. Ni ivyo nyene!

139 Imana yarabisezeranye : Ijambo iyo ryanswe, baca bajanwa iyo ivyifuzovyabo bwite biri. Nagomba ko mu vyitondera neza mu kanya gato, nta mwanyauhaciye tubisomye muri 2Tesalonike 2 : 9 - 11, ngo: bazotera umugongo ukuri maze bace bahabwa ubushobozi bw'ubuzimire kugira ngo bizere ikinyomakugira ngo ivyo abe ari vyo bizobatsindisha. Ico ni co Mpwemu Yera avuga.

Mbega muri kino gihe ico si co cipfuzo c'ishengero? Gerageza ubarireabantu ko bategerezwa gukora iki canke kiriya : ubwo nyene bazocabakumenyesha ko ari Abametodiste, Abaperesibiteriyano canke ikindi kintukandi ngo si ngombwa ko bajana na mwebwe. Murabibona ? Mu vyukuri, ivyoni vyo bakeneye! Imana iravuga iti :« Namba ivyo ari vyo bakeneye, nzobibaha; kandi nzobizeza vyukurikw'ivyo ari ukuri kuko nzobaha iciyumviro c'ubuyobe ku vyerekeyeukuri ».

140 Ni mwongere murabe ico Bibiliya ivuga, iti : « nk'uko Yane na Yamburebarwanije Mose… », ni ko nyene no mu misi ya nyuma abo bantu bazoba bafiseimitima icuramye ku vyo kumenya ukuri bazohindura ubuntu bw'Imanababugire ubuhehesi, bahakane Umwami Imana. Murabona aho tugeze, kandi siAbakatolika gusa, ariko ni bose n'Abaporoti, ni amadini yose uko angana.

Ng'uwo wa wundi agendera kw'ifarasi y'igitare yishushanije n'ishengeroryera kandi rigororoka. Ariko ni ngombwa ko antikristo yishushanya ku buryokw'ifarasi nk'uko Kristo aza ari kw'ifarasi. Ikintu cose kirwanya Kristokiramwegereye cane ku buryo coshobora kuzimiza n'abatoranijwe, iyo bibavyashoboka.

Ni uyo ! Ni we antikristo. Yatanguye kugendera kw'ifarasi mu gihe cambere c'Ishengero. Kandi arabandanya mu bihe vyose. Reka tumwihweze.

141 Mwovuga muti : « No mu gihe c'intumwa yariho ? » Muri ico giheyitwa « inyigisho y'abanikolayiti » ; hanyuma mu gihe gikurikira yaciyeiba « inyigisho mw'ishengero ». Ubwa mbere na mbere cari ikintucavugangwa, hanyuma ica iba inyigisho.249. Abantu bifata neza, bamenyekana, b'abahanga mu bumenyi, b'inkerebutsimu vy'amashure ntibashaka ivyo bintu na mba mw'ishengero. Oya, ntibashakaivyo bikorwa vyose bita ubupfu bavuga kuri Mpwemu Yera. Iryo ritegerezwakuba ryari ishengero… Bati : « twese tuzoja mu Nama nkuru y'i Nikaya,n'ahandi..., i Roma ». Bagiyeyo rero, ni ho baciye bafata ishengero batakobafata n'inyigisho za gipagani, Uburoma n'ubupagani, Uburoma bw'abapaganin'imihamuro yo guterekera, baca bafata ikigirwamana bita Ashitoreti,umwamikazi w'ijuru, bagihinduramwo Mariya, umuvyeyi, Abapfuye na bo bacababagira abo kubavugira n'ibindi. Baciye bafata ya hostiya yiburungushuyebama batanze uhereye muri ico gihe maze baca bayita ngo ni Umubiri wa Kristokuko ngo kagereranywa n'Umuvyeyi wo mw'Ijuru. Iyo umukatolika aciyeimbere y'ivyo bintu, aca agira urumenyetso rw'umusaraba kuko urya mucowakira muri karya kazu kabo witwa ko ugereranya ihostiya, iyo na yo, kubw'ububasha bwa patiri, ica ihinduka ikaba Imana. Yamara ivyo nta kindi atari ubupagani bwuzuye kandi butagabanije. Murabona ? Ni ukuri

142 Sinshobora kubitahura! Nako, ndabitahura kubwo ubuntu bw'Imana. Nimumenye ibi. Oh, bene Data! Ivyo bashobora kubikora gute ? Bahabwa ivyobifuza. Ni ivy'ukuri! Ntimutegerezwa gukora ivyo bintu, habe na mba! Nambamudashaka kubikora, ntawubibagobererako! Ni mwaba mutagombagushushanywa n'uburyo bwo kubaho no gusenga Imana ibasaba,ntacobagobera kubikora. Imana nta muntu n'umwe igobera. Ariko ni mundekendababwire ikintu kimwe : Izina ryawe ni ryaba ryaranditswe mu gitaboc'ubugingo c'Umwagazi w'Intama isi itararemwa, uzonezerwa cane nokubikora ku buryo utoshobora kurindira n'umunota n'umwe utarabikora!

Muravuga muti : « Ndagusavye ngo umenye ko na jewe ndi umusenzi nka… ». Birashoboka! Ninde yoshobora kuvuga ko ba baherezi bo mu gihec'Umwami Yesu batari abasenzi ? Ni nde yoshobora kwemeza ko Isirayeliitasenga ca gihe yari mu bugararwa?

143 Mwovuga muti : « Imana imaze kumpezagira kenshi ! » Na bo nyene yariyarabahezagiye. Ntibarinda no gukora kugira ngo babeho. Mw'ijuru ni hoimfungurwa yabaha zava ; yamara Yesu yaravuze ati : « Bose barazimiye kandibose barapfuye, bose barahonye.»

Baravuga bati : « Ba sogokuru bamaze imyaka imyaka mirongo ine baryaManu mu bugaragwa.» Ariko Yesu yaciye ababarira ati : « Bose barapfuye, baratandukanyen'Imana ibihe bidashira.» Yaciye avuga ati : « Ariko jewe ndi Umutsimaw'Ubugingo wamanutse uvuye mw'Ijuru ku Mana. Ni hagira umuntu arya kuriuwo Mutsima, ntazokwigera apfa .» Murabona, ni We yari ca giti c'Ubugingo!

144 Igihe Yesu yaza, ba baherezi baciye baza imbere yiwe bamwereka kobasenga cane. Nta muntu n'umwe yari gushobora kwibaza ko boba batari abantubameze neza! bagendera ku murongo w'ivyagezwe. Ivyo ishengero ryabasabagukora vyose barabikora. Batabikoze baca baterwa amabuye. Kandi igihe baza,murazi ukuntu Yesu yabise ? Ati : « Mwa bana b'inzoka mwe » ( Na YohanaUmubatizi ni ko yabise ) Kandi arababwira ati : « Ntimwibaze ngo mwobamufise aho muhuriye n'Imana ngo kubera muri muri iryo dini. Mwebwe muriaba so wa murwanizi.» Mbega mu gihe Imana yaba irungitse uwuvugishwa naYo, haca haba iki ? Mwaca mumwicisha amabuye mukamushiburira mu mva ;none ubu imva yiwe mwayikuyengeje ingwa zera! »

145 Mbega ishengero rya Katolika s'uko nyene ryakoze ? Ni murabe Jeanned'Arc, Umweranda Patrick n'abandi bose! Ni bo nyene babishe hanyuma haciyeimyaka amajana baciye bazura amagufa y'abari baciriye kw'iteka Jeanne d'Arc bamwagiriza ko ari umupfumu, barayaturira bayata mu ruzi. Ati : « Mwebwemuri aba so wa murwanizi, kandi ibikorwa mukora ni ivyo bakoze. » Nk'ukonyene yakoze! Kandi ivyo bizokwira mw'isi yose.

Ivyo, ni vyo Yesu yavuze mu gihe mweho mwibaza ko ari vyiza cane. Iyofarasi igendera ubwishime, ariko ni murabe ico ivyo bivamwo. Neza na nezauwuyigenderako ni uwo nyene.

146 Yesu yavuze ngo kuko bari bavyigombeye , Azobaha ubushobozibuzimiza. Ni mwibuke umwe maraya wo mu Vyahishuriwe Yohana 17. Uwo niIbanga, Babuloni, nyina wa ba maraya. Yohana ivy'uwo vyaramutangaje hamweyariko arandika … ( ni murindire kugeza tubishitseko kugira ngo muboneukuntu Yohana yihweza iyo farasi). Ivyashitse ni ibi : yaciye atangazwa canen'ivyiwe. Ariko aho ibanga ryari n'uko yaguma anywa amaraso y'abishwebahorwa Kristo. Ryari ishengero ryiza cane , risharijwe n'utubuyenge hamwen'izahabu, ariko yari afise igikombe mu minwe yiwe cuzuye ibihumanyavy'imyanda y'ubusambanyi bwiwe.

147 Ubusambanyi ni iki ? Ni ubuzima bw'ugukora ibizira. Ni inyigisho yiweyagenda akwiragiza. Uwo mugore afata Ijambo ry'Imana akarihindura ubusaakoresheje za « Mwaramutse, Mariya! » n'ivyo bintu vyose agenda akwiragiza.Kandi abami bo kw'isi basambanye na we.

Mwovuga muti : « Erega! Ni ishengero rya Katolika!» Ariko ni nyina waba maraya kandi abo nabo basa na we. Ni uko! Icashitse ni igiki? Igihe uwajeguhindura ibintu mu vy'ugusenga yaba apfuye maze ubutumwa bwiwebukazima, mwaciye mubushingako idini n'akarwi ka ba « Ricky » [ Rickyrisobanura ngo imbeba—U] baba aribo barirongora none mwarabisubiyemwokugira ngo mubeho nk'uko ukwifuza kwanyu kuri. Ntimwashimiye kugumanan'Ijambo. Aho gutera intambwe bajana n'Ijambo baciye bigumira muri ivyo,bavuga bati : « Iki ni co dukeneye.» Ntimukabikore! Igikenewe ni We, We ari mw'Ijuru.

148 Ni murabe ibi (tugomba twongere kuraba ibindi vyanditswe imbere yukoturangiza). Ni umwe segaba yashaka gusangangura ubwoko bwa Daniyeli.Muravyizera ? Mwokwihangana akanya gato nobibereka, ariko nashakagutomora neza ivyo bintu kugira ngo muvyumve neza kuko Mpwemu Yera ariWe ahejeje kubimpa, ata nkeka nk'uko nyene mumbona aha imbere.

149 Tugaruke rero muri Daniyeli 9 : 26 - 27. Ni murabe ico azokora, murabeko atari we azosangangura ubwoko bwa Daniyeli : « Maz'ayo mayinga ukwari mirongwitandatu n'abiri ni yashira, Mesiyaazokurwaho (Murabona, ni murabe ya mayinga mirongwitandatu n'abiri ;azokurwaho muri ya mayinga mirongo irindwi), kandi ntawuzomusubiriza mugishingo. Maze segaba wundi azoza,abantu biwe (ni ugusumbasumbana) bazosangangura igisagara n'ahantu hera ; arikw'iherezo ryiwe azotembanwan'umuvo ; kand'intambara zizorinda zishika no kw'iherezo ; ubugeserabwashinzwe ko buzotera »

150 Ngomba kubabaza ikibazo kimwe. Kristo amaze gukurwa kw'isi, inyumay'imyaka itatu n'igice y'igikorwa ciwe, ni igiki casanganguye urusengero ?Ninde yarusanganguye ? Uburoma! Nta nkeka! Titus wa mugabisha mukuruw'abasoda w'uburoma. Umwe segaba yarahasambuye. Ubu, ni murabe ibi : nimwihweze uwo muntu ariko aregereza. Ni mumwihweze.

151 Igihe Yesu yavuka, ca gisato giisa n'ikibengebenge caciye kiza kivamw'Ijuru kija hafi ya wa mugore kugira ngo umwana akivuka gice kimurotsa.Mbega ni ukuri koko ? Ni nde yagerageje kurotsa wa mwana ca gihe yavuka ?Ni Uburoma ! Ico ni co ca gisato c'amahero gisa n'ikibengebenge ! Uwo ni weSegaba ! Ico ni ca gikoko. Nk'uko bisanzwe, biri aho, kimwe kimwe muri ivyokugira ngo kirotse wa mwana. Ariko Imana yaciye imudugana mu Majuru ahoivyagiye ku Ntebe yayo. Aho ni ho Kristo ari ubu kugeza ku gihe cashinzwe.Ubu rero ni murabe ico agiye gukora.

152 Ndizera ko aha nyene hari uwo nabibariye. Birashika ko hoba ari uno musikandi ko yoba ari mwene Data Roberson canke uwundi (atari kuri iki cirwanyene, ariko ni ku kindi gisa nka co). Ndizera ko haciye igihe gito nigishirijehano ku bizoshikira Leta zunze Ubumwe za Amerika ku vyerekeye ikoreshwary'amafaranga. Turariha inyungu ziva ku makori y'amahera azokwinjizwa mumyaka mirongo ine. Aho ni ho tugeze!

Ntimurigera mwumviriza insamirizi « KAIR », canke ikiganiro citwa «Life Line » c'i Washington? Emwe, tugeze habi ! Ikiriko kiraba ni igiki ? Ntazahabu namba igisohoka ko kandi abayuda ni bo bafise impapuro zerekana koari bo bafise uburenganzira ku mafaranga, mu gihe bakirindiriye ko yegukiraUburoma.

Ubu rero ni mutege amatwi : twese turazi abafise imangazini nini nini aboari bo, ariko Uburoma ni bwo bufise igice kinini c'ubutunzi bw'ino si.Ubusigaye buri mu maboko y'Abayuda. Gurtyo, ni mwumve ukuntu MpwemuYera yabinyeretse.

153 « Kand'azosezerana na benshi isezerano rikomeye kumara iyingarimwe : ni ryagera hagati azokurah'ibimazi n'amashikanwa ; ugeseza azozakw'ibaba ry'ibizira ; maz'ubuyobe buzosukwa kur' uyo ageseza, gushitsa kumuhero washinzwe.»268. Ni murabe ukuntu ari ingunge ! Ni muvyihweze. Oh, mbega

ukuntuari ingunge! Ng'uyo. Ubu rero twatahuye ico kigereranyo kandi turazi koari Uburoma. Turazi ko ari ari we agendera kw'ifarasi y'igitare. Turazi ko yegereje ari nk'inyigisho. Hanyuma Uburoma bwa gipagani bwaciye bucika iki? Bwaciye buhinduka buba Uburoma bwa gipapa buca bwambikwa igitsibo.

154 Mu gihe ca nyuma (atari mu misi ya mbere hamwe yari ariko arigisha arikoni mu gihe ca nyuma, mu gice ca nyuma c'iyinga duhejeje kwigako, ya mayingamirongo irindwi ya Daniyeli), Kristo yaravugishijwe mu kiringo c'imyaka itatun'igice kandi imyaka itatu n'igice iracasigaye. Mbega ni ivy'ukuri ? Kandi muriico gihe nyene ni ho uwo segaba ategerezwa kuzosezerana n'ubwoko bwaDaniyeli ari bwo bwoko bw'Abayuda. Ivyo biba mu gihe Umugeni abayazamuwe. We ivyo ntavyo azobona.

155 Ni mumenye rero ko mu gice ca nyuma c'iyinga rya Daniyeli, uwo segabaaca asezerana n'Abayuda ; nta nkeka ko agiriranira na bo isezerano kuberaubutunzi bwabo, kuko Abakatolika n'Abayuda ari bo bafise ubutunzi bw'ino si. Naragiye i Vatikano. Narabonye ibitsibo bitatu biri kuri ya nkofero.Nategerezwa kugiranira umubonano na papa. Nyakubahwa Von Blumberg yariyawunsabiye kugira ngo tubonane ku wa gatatu isaha icenda. Igihe banjanakubonana n'umwami umwe, bari babanje gucacura imizingo y'ipantalo yanje.Ndemera! Bari bambwiye ngo sinigere ndamuha umugongo mu kuva imbereyiwe. Ivyo vyose ni vyiza cane. Ndavuga nti : « Ariko none, ico ntegerezwagukora imbere y'uwo mugabo ni igiki ?

Baciye banyishura bati : « Ni winjire gusa, upfukame imbere yiwe uceumusoma ku rutoki ».

Nca ndavuga nti : « Ivyo ntibibaho! Uwo ari we wese nomwita mweneData ni yaba ashaka kuba mwene Data. Nzomwita umurevera ni yaba ashakaako gateka, ariko ivyo gusenga umuntu, oya ; ivyo vyagenewe Kristo gusa ».Nta muntu n'umwe yoshobora kuja muri ico kibanza. Haba na mba!

156 Ariko naho ntabikoze narashoboye gutembera muri Vatikano yose iyo ivaikagera. Ntimwoshobora gutanga amamiliyaridi n'amamiliyaridi vy'amadolareibihetangabo ijana ngo mukigure. Ibaze kuba Bibiliya ivuga iti : « Ubutunzibw'isi yose bwabonetse muri co ». Ni mwibaze kuri ivyo bibanza bihambaye!

Ni ukubera iki intwaro ya gikomunista yahagurutse mu Burusiya ? Iyonumvise abavugabutumwa benshi Basemerera barwanya inyigishoy'abakomunista birandwaza! Ntibazi n'ico biyamiriza ic'ari co! Ni ivy'ukuri.Ivya gikomunista ubwavyo ntaco bitwaye. Ni igikoresho kiri mu kiganzac'Imana kugira ngo Ihore amaraso y'abera yaviriye kw'isi. Ni ivy'ukuri.

157 Gurtyo rero, Ishengero rimaze kuzamurwa, Uburoma buzogiriraniraisezerano n'Abayuda. Bibiliya ni yo ivuga ko buzosezerana n'ihaga ryera. Noneivyo bazobikora kubera iki ? Igihugu cacu gitera gisubira inyuma mu vy'ubutunzi co kimwe n'ibindi bihugu vyose; ubutunzi bwavyo bushingiye kugiciro c'izahabu mu madolare. Murabizi. Namba tubeshejweho n'amakoriazorihwa mu myaka mirongo ine, turiko tuja hehe ? Hariho ikintu kimwe gusaco gukora : ni ico gihindura ico amafaranga yacu ashingiyeko tukariha amadeni,ariko ntavyo dushoboye. Iyo myenda dufitiye Wall Street na yo ikaba igenzurwan'Abayuda. Iyindi tuyifitiye Vatikano. Mu rudandazwa rukorerwa mw'isi,Abayuda bafitiye ibintu vyinshi i Wall Street.

158 Ntidushobora kugarukana ayomafaranga. Eka mbere naho vyoba ari ibishoboka, mwibaza ko abo batunzikaruhariwe b'amahinguriro ya za Wisiki n'amatabi botureka ngo tubikore?Inyungu zabo ziharurwa mu mamiliyaridi y'amadolare, ari ko ntibazerekanamaze bagaca bagura amashusho ateye isoni n'ibintu nk'ivyo muri ayomafaranga y 'amakori yabo. Bagura amahegitare ibihumbin'ibihumbi muriArizona, bakimba amariba manini manini y'ibitoro abatwara amamiliyoni. Ariko mweho, mureke kuriha amadeni yanyu rimwe gusa muze murabe kobadaca babata mw'ibohero ubwo nyene. Muri iki gihe bo bakomeza guhunjaamashamba bironderera ibitoro. Bakora iki ? Bagira imigambi ikomeye yo kwubaka amazu y'uburaro mubibanza vyabo maze amafaranga ava muri iyo migambi bakayubakamwo amazu(Ayo mahera bategerezwa kuyakoresha! Maze bagaca bayagurisha amamiliyoniy'amadolare. Mbega mwibaza ko abo bantu bazogira amasezerano yo guhinduraifaranga ?

159 Hari umugabo umwe yabikoze : ni Castro. Mbere ico ni co kintu c'ubwengeyakoze ico gihe. Yaciye yegeranya amakaratasi yose y'amadeni y'igihugu ciweyemera maze arayatabagura. Murazi neza ko tutoshobora kubikora. Abo bantuntibotwemerera kubikora!

Abatunzi b'abadandaza bo mw'isi ni bo bafise impapuro zose zivunjwaamahera. Kandi hariho ikintu kimwe gusa co gukora : ishengero rya Katolikarirashobora kuzivunja, ni ryo ryonyene rifise amahera; rirashobora kubikorakandi rizobikora.

Kandi mu kubikora kugira ngo rizoronke, rizokwumvikana n'Abayuda ricerisezerana na bo. Kandi ni murabe ko ibi ndabikuye mu vyanditswe kuko tubonako muri Daniyeli 8 : 23 - 25 havuga ngo « azotuma ivy'ubugunge birorana »mu kuboko kwiwe ; kandi ubwo bugunge buri mu mahinguriro y'abana b'abantu.

160 Aca agiranira isezerano n'Abayuda kandi hageze hagati y'iyo myakaitatu n'igice, aca arenga kuri iryo sezerano, ni ukuvuga ko aho haba ari mugihe aba amaze kwigarurira vyose neza kandi akazoba amaze gushiraamafaranga y'Abayuda yose mu minwe yiwe. Kandi mu gihe abikoze, oh,bene Data ! Yitwa antikristo kugeza Igihe c'Ishengero gishize, kuko wen'abana biwe barwanya Kristo n'Ijambo. Uwo mugabo yitwa antikristo azokwegukira amafaranga yose. Kandi ndibaza ko aho nyene arihoazokwinjirira. Ariko

ndaza kubigarukako mu kanya. Yitwa antikristo kandi azokomeza kwitwa antikristo mu Nyongaz'Imana gushika mu gihe c'iherezo. Hanyuma azoca yitwa ukundi.

161 Gurtyo rero igihe azoba amaze kugenzura amafaranga yose, azoca akurahorya sezerano azoba yaragiriraniye n'Abayuda, nk'uko muri Daniyeli havuga,hagati y'iyinga rya nyuma rya ya mayinga mirongo irindwi ya Daniyeli. Nonerero ga bene Data, azoca akora iki ? Kuko azoba ari we afise ubudandaji bwosebuciye mu mategeko n'ubutayaciyemwo bwo kw'isi, azosezerana n'isi.Azobikora kuko itunga ry'isi yose azoba arifise mu minwe yiwe.

Maze muri ico gihe, ba bavugishwa n'Imana babiri bazoca batanguraigikorwa bace bahamagara ba bandi 144 000. Mu nyuma hazoca haba iki ? Muriico gihe nyene ca kimenyetso ca ca Gikoko co mu Vyahishuriwe Yohana 13kizoca gishirwa ku bantu ; kuko afise ubudandaji bwose, ibiri mw'isi vyose. Icogihe hazoca haba iki ? Ikimenyetso ca ca Gikoko kizotangura gukora, ku buryoata muntu n'umwe azogira ico agura canke agurisha kiretse abaye afiseikimenyetso ca ca Gikoko. Oh, Imana ishimwe, Ishengero rizonezerererwa mubwiza muri iyo myaka itatu n'igice. Twebwe ivyo ntavyo tuzirirwa turacamwo.

162 Mu gihe c'iherezo, kw'iherezo ry'Ibihe vy'Ishengero, we n'abana biwebitwa antikrito kuko ikirwanya Kristo cose ni antikristo. Kandi ikirwanyaIjambo cose kiba kirwanya Kristo kuko Kristo ni We Jambo. Ni antikristo.Hanyuma mu vyahishuriwe Yohana 12 : 7 - 9 igihe Satani, wa murezi, azobayirukanywe … Ni muvyandike ni mwaba mubishaka, kuko nta mwanya dufisewo kubisoma ubu ; ni isaha zine zibura iminota cumi n'itanu. Mu vyahishuriweYohana 12 : 1 - 9, Satani ya mpwemu, wa Murwanizi ari hariya hejuru ubu niumurezi wa bene Data. Ishengero rirazamurwa Satani na we agakororerwakw'isi. Ishengero riduze Satani aramanuka. Ico gihe Satani aca yinjira mumubiri wa antikristo maze agaca yitwa ca gikoko.

163 Hanyuma mu vyahishuriwe Yohana 13 aca ashira ikimenyetso ku bantu.Murabona, namba ubukristo burindirwa mu kwezwa kuri ino si ni uko harihoawubuza… Ni mwibuke ivyo twabonye mu 2 Tesalonike, ngo : yicara murusengero rw'Imana, yiyita Imana ; araharira ivyaha kw'isi. Ivyo bizoshishikarakandi ubugarariji buziyongera kuko atazomenyekana imbere y'uko igihe ciwec'uko ategerezwa guhishurwa gishika. Aho rero Ishengero rizoca rizamurwa.Rizamuwe, aca ahinduka ntaba akiri antikristo uwo yahora ari. Oh, bene Data !ishengero, ishengero rihambaye… Ubwo rero aca aba Igikoko ! Nashaka gukorauko nshoboye ku buryo abantu boshobora kubibona!

164 Ni mwibuke ko antikristo na ca Gikoko ari impwemu imwe nsa. Ubwoni bwo BUTATU! Nta nkeka. Hariho intambwe zitatu z'ubushobozi bumwe bw'umurwanizi. Ni mwibuke inyigisho z'abanikolayiti : yabanje kwambaraumubiri imbere y'uko yambikwa igitsibo. Ubu rero ni mwumvirize neza !Hariho intambwe zitatu : Iya mbere, yitwa ANTIKRISTO; intambwe yakabiri, yitwa UMUVUGISHWA W'IBINYOMA ; intambwe ya gatatu,yitwa IGIKOKO.

165 Ni murabe za nyigisho z'Abanikolayiti, inyigisho za antikrito zatanguyegukora zirwanya Ijambo ry'Imana mu gihe c'intumwa Paulo ; ni inyigishoya « antikrito ». Hanyuma yitwa « umuvugishwa w'ibinyoma » igihe inyigishoyahinduka ikaba umuntu ; yaciye iba umuvugishwa yigisha urusumbasumbanerw'abakozi b'ishengero rya Katolika. Papa yari umuvugishwa ijambory'ikinyoma, ari na co catumye aba umuvugishwa w'ikinyoma. Intambwe igira gatatu ni iyo kuba « igikoko ». Ni umuntu yambikwaigitsibo mu misi ya nyuma, amaze guhabwa ububasha bwose Uburoma bwagipagani butari bwarigeze kuronka kuko ca gikoko c'imitwe indwi, ca gisato,cirukanywe mw'ijuru gica ciyambika umubiri muri wa muvugishwaw'ibinyoma. Aha ico gisato gifise ibitsibo ndwi kandi gica kiririrukanwakigakororerwa kw'isi no mu kiyaga.

None twariko tuvuga iki ? Uwo agendera kuri iyo farasi ni nde ? Muraziuwo ari we ? Ni umuntu wa Satani arengeye abandi.

166 Igihe kimwe ku mugoroba najanye na bene Data babiri bari hano (mweneData Normand na Fred), tugiye kwumviriza ubutumwa bwavugwa kuriantikristo. Umuvugabutumwa yari umuntu azwi cane, umwe mubavugabutumwa bakomeye amashengero yitwa « amakoraniro y'Imana » afise.Ehe uko yasobanuye antikristo ; Ngo : Bazokura mu muntu amavitamine amwe- amwe ngo bace bafata ubwo buzima buvuye mu muntu babukoremwo ikintukinini c'ikigatanya, gishobora gutambuka rimwe gusa kikaba gitambutse amazuatari make. Murashobora kwibaza umuntu yuzuye Mpwemu Yera, canke avugako amufise, akaba yarafashwe n'amajambo yo kubesha nkayo ; kandi Bibiliyaivuga antikristo uw'ari we. Ni UMUNTU.

167 Ni mumenye ko uwo agendera kw'ifarasi atari uwundi uretse uwo mugaboari hejuru y'abandi wa Satani, ari we wa murwanizi yiyambitse umubiri. Niigihangange cize. Ubu ndizigira ko munteze yompi! Ubushize, kumboneshakure barashatse kuraba ko umwe bamwana biwe atoba arusha abandiubwenge kugira ngo yitoze abe umukuru w'Igihugu. Yari afise ubwenge bwinshinka Satani ! Kandi Satani aragerageza kubucuruza. Yarabucuruje kwa Eva,yarabutugurishijeko. Dushaka umuntu arengeye abandi, turamufise ! Vyukuri !Isi yose igomba umuntu arengeye abandi kandi bazomuronka. Ni murindireigihe Ishengero rizodugirizwa maze Satani agakororwa. Ico gihe azocayambara umubiri. Ni ivy'ukuri. Bashaka umuntu ashoboye vyukuri gukora icogikorwa : bazomuronka.

168 Ubumenyi! Ng'uwo umuntu arengeye abandi wa Satani ubumenyibwiwe, n'ubwenge bwiwe, na Tewolojiya yiwe y'ishengero ryiwe ivamw'ijambo ryiwe yigeneye, iva mu vyo yikorera. Aba ariko aragenderakuri iyo farasi y'igitare y'ikinyedini kugira ngo azimize abantu.Azokwigarurira amadini yose yo kw'isi kuko yose azokwinjira muri ryashirahamwe mpuz'amashengero yo kw'isi yose. Baramaze kuronkainyubakwa zabo ; vyose vyaratunganijwe. Nta na kimwe bibagiye ! Amadiniyose azokwinjira muri rya shirahamwe mpuz'amshengero. None ni nde ariinyuma y'ivyo bintu vyose ? Ni Uburoma ! Ubu papa aravuga ati : « twese turiumwe : Tuje hamwe, tugendere hamwe ! »

169 Kandi abo bantu bose, co kimwe na bamwe bamwe muri mwebwe bantu bomu mashegero yitwa ay'ubutumwa bwiza bwuzuye, bazotegerezwa guhakana yanyigisho y'ubutumwa bwiza bakiriye kugira ngo bashike kuri iyo ntambwe.Bahindutse impumyi rwose ku vyerekeye ivyo bintu vy'idini ! BarashibuyeUkuri! Ukuri kwarashizwe imbere yabo, ariko baragiye kure yakwobaraguta. Ubu rero baciye bahabwa ubushobozi bw'ubuzimirebubakoreramwo kugira ngo bizere ikinyoma kize kibe ari co kibatsindisha.Ico ni co nyene kizoshika maze antikristo azobigarurira bose. Bibiliya ivuga koazobazimiza bose, abari kw'isi uko ingana BOSE abo amazina yabo atanditswemuri bimwe bimatanije ca Gitabo cayo uhereye ku kuremwa kw'isi. [ MweneData Branham aciye akubita amashi ku yandi ati : « Humm ! » — U ]. Yamarakandi namba Bibiliya ivuga ko azobikora, azobikora!

Bavuga bati : « Ndi uwo mw'i … » Ni uko ! Ni vyo nyene koko! Ni rwarwego nyene rwa ba maraya! Ni bwa buryo nyene bwo gukora bumwebwatangura kuva ku ntango kandi bukaba bwagumye ari antikristo ukwo ibihevyose vyagiye bikurikirana. Namba ari ukuri uzokwumva babivugako.Ndavyiteze rwose!

170 Ni mumenye ko azorwana anesha kandi nka vyose akaba abifise mu vyaravyiwe! Aguma ari antikristo kugeza igihe azoba ca Gikoko. Muvuga ibihanobikaze ? Ni murindire gusa ! Muzobona abasigaye kw'isi ayo bategerezwakubona. Hazobaho amarira, amaborogo no kuryanya insya z'amenyo. Kuko caGisato, Uburoma, gisendanisha amazi ava mu kanwa kaco kugira ngo kirwanyeabasigaye bo mu ruvyaro rwa wa mugore basigaye kw'isi Umugeni amazegutorwa akazamurwa. Maze ca gisato gica kirwanya abasigaye. Abo ntibashatsekwinjira none rero ico gihe baca bahigwa. Ishengero Nyakuri ryobiciyemwoiyo biba bishoboka, ariko murabona bari musi y'amaraso kubwo ubuntubwa Kristo none ntibishoboka ! Nta gihe c'imibabaro ikomeye kiriho kuribo. Ikintu cegereje gushika kw'Ishengero ni izamurwa! Amen kandi men!

171 Oh, mbega ukuntu ivyo ndabikunda! Ni mundeke nongere ndababwire ibi.Turiko turavuga ukuntu ariko ararwana anesha ; koko azonesha, mbere aramaze kubikora ! Karamaze kuba, vyose ni mu mufuko. Amafaranga yose bazoyashiramu mufuko ; ni impwemu yo gushaka inyungu mbi. Uko nyene ! Bakundaamafaranga kuruta uko bakunda Imana. Ubu ikintu kimwe biyumvira ni ukuntuamafaranga bafise angana. Murazi ko vyamye bivugwa ngo : « Ni muheamafaranga ishengero na ryo rizoteza imbere isi ! Ni muhe ishengeroamafaranga! Rizorungika abamenyeshamana mw'isi yose. Maze rice rikoraiki?Rizogarurira isi kuri Kristo! »

Ndeka ndababwire ikintu kimwe, ncuti zanje mwa mpumyi mwe! Isintihindurwa kubwo amafaranga, ahubwo ihindurwa n'Amaraso ya Yesu Kristo.Ni mushikirize Imana abagabo b'intwari bazokwishimikiza kuri iri Jambokugeza batanze n'ubugingo bwabo kubwa Ryo ; ico ni co kizonesha. Harihoumurwi umwe gusa uzoshobora kugarurwa ; ni wa wundi amazina yawoyanditswe mu Gitabo c'Ubugingo ca wa Mwagazi w'Intama kuva isiikiremwa. Abo bonyene ni bo bazokwumva. Amafaranga nta ruharaafisemwo ; ahubwo ico ashoboye gukora ni ukubinjiza cane mu migenzoy'idini.

172 Ego, azoba ari umuntu yize cane : azoba ari umunyabwenge. Kandi, ohbene Data ! Abana biwe bose bamukikije bazoba ari abanyabwenge, bazobabafise ivyubahiro vyose kandi bazohabwa impapuro z'umutsindo zibaho.Abanyabwenge ! Kubera iki ? Kuko bafise icitegererezo kuri Satani. Ubugungebwose buryohoye bunyuranye na Bibiliya buva kwa Satani uko nyene ni koyifatiye Eva. Eva yari yaravuze ati : « Biranditswe. Imana yatubwiye ngo ntituze tubikore ». Satani arishuraati : « Banza urindire! Nta nkeka Imana ivyo nta vyo izokora ; ngombandaguhumure amaso nce ndaguha ubumenyi kanaka » Eva aca arabwakira! Natwebwe nyene twarabushatse. Iri hanga rirabufise.

173 Ni mumenye ko Satani azokwigarurira amadini yose yo kw'isi yose.Azogiriranira isezerano n'ubwoko bwa Daniyeli.Ubu abasengabagabanijwemwo kubiri, amahanga n'ubwoko bwa Daniyeli, ari bo Bayuda bomuri ya yinga ya nyuma. No kubicapa twarabicapuye ku kibaho, turabibonaneza. Aho ni ho tugeze! Imana ishimwe kubw'ivyo! Ubwo buryo bwo gukorabw'amadini buva ku murwanizi, tubivuge tubisubire. Vyukuri ! Umurwanizi niwe muzi wabwo, si abantu bayarimwo. Abenshi muri bo ni abana b'Imana.Ariko, murazi, igihe tuzobishikako mu gihe za nzamba zizoba zivuze maze igihegikurikira kigashika (za nzamba zivuze), ni mwibuke wa mumarayika wa gatatuigihe yaza akavuga ati : « Bantu banje, ni muve i we ! » Mu gihe uwomumarayika yumvikanisha ijwi ryiwe, muri ako kanya nyene ubutumwabushikiyeko buzanywe n'inzamba ya nyuma (ubutumwa bw'umumarayika wanyuma), ica nyuma kimatanije ca Gitabo gica cuguruka. Vyose bibera rimwe,vyose biba biheraherejwe maze bigaca vyinjira mu Bihe Bidashira.

174 Ariko muri ico gihe nyene uwo mugabo aba ariko aragenda anesha, Imana,na Yo nyene, hari ico iba iriko irakora. Ntiduhe icubahiro cose Satani.Ntitumuvuge wenyene . Mu gihe ico kintu gihambaye kiriko

kiraba ku ruhanderumwe, ayo madini aca yiyegeraniriza muri iryo shirahamwe rinini maze agacayiyunga kugira ngo arwanye ya ntwaro ya gikominisita, batazi ko Imana ari Yoyahagurukije inyigisho y'abakominisita kugira ngo ibatsinde! Nta nkeka!Icatumye intwaro ya gikominisita ibaho mu Burusiya ni igiki ? Ni ubuhumanebw'ishengero ry'Uburoma n'ubw'ayandi. Barafashe amafaranga yose yari arimu Burusiya baca bateza inzara abanyagihugu mu kubima na rumwe, ahokubareka ngo bibereho nk'abandi bose.

175 Nta gihe kihaciye ngiye muri Mexico maze ndabona utwo twana. Ntagihugu na kimwe c'abakatolika cikwije, nta na kimwe! Ni munyereke ahobageze! Nta gihugu na kimwe kigizwe ahanini n'abakatolika cikwije. MuBufaransa, mu Butaliyano, muri Mexique, aho mwoja hose, ntibashoborabonyene kwikenura mu bukene bwabo. Kubera iki ? Ni kubera yuko ishengeroryabanyaze ivyo bafise vyose. Ni co gituma Abarusiya baryirukanye.

176 Ni murabe ibiriko biraba. Ubwanje naravyiboneye ; ni ho nari ndi kandincumva inkengeri zivuga waca wibaza ko ico gihe c'iparadiso kigeze! Arikoubwo nyene nca mbona umupfakazi amanuka mw'ibarabara, akwega amaguru,umugabo ahetse uruyoya rwabo kandi n'abana babiri canke batatu bagendabaguma baririra impande zabo. Bariko barasabira umukenyezi umwe yariyapfuye, bibaza ko ivyo bizotuma aja mw'ijuru! Oh, mbega ibintu biteyeakagongwe!

Amafaranga bakoresha arengeye ayo baronka! Ishengero ribatwara utwobafise twose. Ehe wa musore Pancho, kumbure ko yoba yitwa Pancho Frank.Uwo ni umwubatsi kandi ahembwa amafaranga yitwa amapezo 20! Arikoumwambaro w'ibirato wonyene ugurwa amapezo 20. Uko ni ko babayeho.Yamara naho biri uko uwo ni umwubatsi kandi agahembwa amapezo 20kw'iyinga ! (ni uburyo bwo kuvuga kuko sinzi ayo bahembwa, ariko mvuzeigiharuro kugira ngo nerekane ukuntu ivyo bituma ayo bakoresha aruta ayobaronka).

177 Ni murabe. Namba akorera amapezo 20 kw'iyinga, ehe Chico (Chicorisobanura ngo « mutoyi »), we ahakora ku mapezo 5 kw'iyinga kandi akabaafise abana cumi agaburira ! Ariko hakaza umuntu kudodora ku muryango wiweagaca atwara nk'amapezo ashika 4 muri ayo kugira ngo agure ibuji izoturirirwaivyaha vyiwe ku gicaniro c'izahabu cubatswe n'umuliyoni w'amadolare. Aho niho bageze. Uko ni ko bakoresha amafaranga yabo. Uko niko bimeze muri ivyobihugu. « Ico kintu » gitwara yose. Ishengero ritwara yose.

178 Ishengero ni ryo rifise vyose mu minwe yaryo (vyose ni ho biri), rifiseamafaranga y'Abayuda na rya sezerano. Bibiliya iravuga ko rizokwigarurira vyose hanyuma rigaca riba Igikoko, kigakuraho isezerano cagize, kikanyagakandi kigatabagura amasigarira y'uruvyaro rwa wa mugore maze kigacagisendanisha amazi ava mu kanwa kaco ! Kizorwana kandi hazobaho amarira nokuryanya insya z'amenyo. Muri ico gihe Umugeni aba ari mu bukwe muBwiza. Ivyo ntibibarengane, bagenzi banje ! Imana imfashe. Nifuza kuzobayo. Sinitwararika ico bizontwara: Nipfuza kuzobayo.

179 Ni mumenye ko muri ico gihe nyene ivyo biba biriko biraba, canke seimbere yuko bishika kw'isi, mu gihe ayo madini ahazana aharira kuvyerekeye ubudasa bwa za Nemera zayo, IMANA YARASEZERANYEkuturungikira uvugishwa na Yo w'ukuri avuga Ijambo ry'ukuri, afiseubutumwa bwagenewe kudusubiza kw'Ijambo ry'Inkomoko ry'Imana noku kwizera kwa ba data, kugira ngo bumanure ubushobozi bwa MpwemuYera mu bantu kandi bumanure ubushobozi buzoduza Ishengero hejuruy'ivyo bintu, bugaca buryinjiza.

180 Iryo Jambo nyene rizokwemezwa na Yesu Kristo ahora uko yari ari ejo,n'uno musi ari ko akiri kandi ari ko azokwama ibihe bidashira. Ati : « Ehe ndikumwe na mwe gushitsa ku muhero w'isi. Kandi ibikorwa nkora, namwemuzobikora. Vyukuri nzobana namwe. Hasigaye igihe gito, ntibabe bakimbonakuko bazokwicamwo ubugwi batandukane, ariko mweho, muzombona kukonzoba ndi kumwe namwe. Mbere nzoba muri mwebwe kugeza ku muherow'isi. » Igihe uburake buzosukwa hamaze kubaho iherezo. Ni uko biri ! Oh,Mana yanje! Uwo agendera kw'ifarasi y'igitare ni nde ? Mwebwe ntimuriimpumyi ! Murabona uwo ari we ! Ni we wawundi antikristo na ya mpwemuizimiza igiye ubu kandi itanguye gukora.

181 Murabona, ico Imana ikora conyene ni ukuguma isubiramwo ivyo bintu .Aho yerekana uwugendera kw'ifarasi yegereza ari kw'ifarasi y'igitare afiseumuheto wiwe, ariko ata myampi agira. Ni umuhendanyi : Nta bubashaafise. Mwovuga muti : « Ububasha bw'ishengero … » Buri hehe ? Rikora iki ?Rivuga riti : « Twebwe turi ishengero ry'inkomoko » Ishengero ry'Inkomokoryo ryarirukana amadayimoni rigakiza abarwaye kandi rikazuran'abapfuye ; ryarerekwa kandi ryari rifise n'ibindi. None ubu bimeze gute ?Ni uruhendo, umuheto utagira imyampi ! Humm ! Uko ni ko biri !

182 Ariko murabona, Kristo we aje, inkota ikarishe ica iva mu kanwa kiwe isan'umuravyo. Iva mu kanwa kiwe igaca itikiza abansi biwe kandi igaca itererakure wa murwanizi. Iratema igatongora ibisigaye vyose kandi araje, impuzuyiwe yajobetswe mu maraso kandi ku kibero ciwe handitsweko ngo : « JAMBO W'IMANA ». Amen ! Ehe azananye n'ingabo ziwe ava mw'Ijuru.

183 Uwugenderakw'ifarasi y'igitare ico gihe cose aba ari kw'isi. Ishusho yiwe yo kuba antikristoazoyihinduramwo kuba umuvugishwa w'ikinyoma. Murabona, yatanguye ari antikristo, impwemu

; hanyuma aca abaumuvugishwa w'ikinyoma. Hanyuma y'aho, umurwanizi amaze gukororerwahasi, uwo murwanizi nyene ni we aca yinjira mu mubiri wiwe. Harihointambwe zitatu, ari zo z'izi : ubwa mbere ni idayimoni, impwemu y'idayimoni;hanyuma aca aba umuvugishwa w'ikinyoma, umwigisha yigisha inyigishoy'ikinyoma ; hanyuma aca aba umurwanizi nyene yambaye umubiri. Ni uko !Muri uwo mwanya umwe nyene umurwanizi aba akorotse ava mw'ijuruakinjira wese mu muntu, Mpwemu Yera nawe aca aduga akongera kumanukayambaye umubiri. Oh, bene Data! Mbega igihe!

184 Ejo ku mugoroba, Imana ibishatse, tuzokwiga ica kabiri kimatanije caGitabo. Mbega murakunda Umwami ? [ Ikoraniro riciye rivuga ngo « Amen » !- U ] Ivyo bintu muravyizeye ? [ Riti « Amen » - U ] Mpejeje guhagarikaabariko barafata amajwi. Ngiye kwumva bivugwa. Kandi ndavyiteze. Nimundeke ndababwire ikintu kimwe, bene Data bahire. Ubu ni bwo bwa mberemu buzima bwanje menye igituma uwo Mpwemu yakomeje kungabisha kuri ayomadini.

185 Ndakengurukiye Umwami Imana kubona yanyeretse ivyo bintu. Ndazi koari ukuri. Aho ni ho vyose biri, ni ho vyose bihishuriwe. Ehe rero uwo agenderakw'ifarasi aca mu bihe vyose ; ashitse hano imbere yikurako umwitiwikiroukwo ashobora kwose. Ni we ! Ubu rero ntituzongera kuzimizwa kuvyerekeyeibi. Ubu amaso yanyu yahumutse. Muragume kure y'ubwo bupfu. MukundisheUmwami imitima yanyu yose kandi mugume mufatanye na We mushikamye.Cane rwose. Ni musohoke muve i Babuloni!

[Agace katavuga kuri bande. -Umw.] Ibintu bitatu: Biremezwa n'Ijambo, biraboneka mu bigereranyo, biragaragazwa n'ibikorwa vya Mpwemu, vyemeza yukw'iri ari Ijambo.

Leka Ijambo rize kur'iyi mishwaro Mwami. Kiza abarwaye. Kiza umuntu wese ari hano, Mwami, hamwe n'abo bose bari hanze barungika imitwaro bongera baterefona.

Data, kur'iyi saha, hariho ukundi gukiza gutegerezwa gukoreka aka kanya nyene,kandi twinjiye mu gikorwa c'ugukira indwara. Ariko, MWami, ni uyu mushaha, ni wo dushaka ko ukurikira, Mwami. Kandi ibi bintu bitegerezwa gushika.

Turasavye Mwami, ngo Uze gufata aya Majambo yavuzwe hano, maze Uyagire Amanyakuri ku bantu. Reka babibone Mwami.

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7